# Ishashara Rya Gatatu

Jeffersonville, Indiana, USA

20 Ntwarante 1963

1 Mwiriwe neza, ga bagenzi bahire. Duhaguruke akanya gato maze twunamikeimitwe yacu kugira ngo dusenge. Data wo mw'ijuru, twumvise aka karirimbo keza, twizeye Mwami ko uri hafiyacu kandi tugusavye ngo utwakire Mwami nk'abana bawe, uduharire ivyahavyacu n'ibigabitanyo vyacu kuko turi abantu dufise ivyo dukenye.Muri iki gihe ciza cane tugezemwo, tubona ko isi irushiriza kwinjira mumwijima uko umwaka utashe kandi ko ukugaruka kw'Umwami kurushirizahokumurika mu gihe kandi yihishurira mw'Ijambo ryiwe no mu kugaragarakwiwe. Twongeye gukorana kuri uno mugoroba Mwami ngo tugusabeutumenere ica gatatu kimatanije ca Gitabo kugira ngo tubashe kumenya icodutegerezwa gukora, uko twokwigenza n'uko twoba abakristo b'akarorero.

2 Ndagusavye, ewe Mana, ngo uwutari umukristo wese ari hano kuri unomugoroba amenye ko agukeneye. Biduhe. Kandi Data wo mw'ijuru, ndagusavyengo umukristo wese amenye ko ategerezwa kuba hafi yawe cane kurusha ibiheyabayeho kugira ngo twese tubashe kuba muri ubwo bumwe bw'ukwizeran'urukundo vya gikristo. Emera Mwami ko uwurwaye wese ari muri twebwe akira kuri unomugoroba ; basanze bagukeneye. Ndagusavye, ewe Mwami, ngo uhezagire ibijagukorwa canke kuvugwa vyo kuguhesha icubahiro no kugushimagiza.Tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

3 Raba twongeye gukorana kuri uno mugoroba wo ku wa gatatu kandi dufiseivyizigiro ko Umwami aja gusuka imihezagiro myinshi kw'Ijambo ryiwe.Nk'uko bisanzwe, uno musi nize kandi nagerageje kwibaza ku coba gikwiriyekuvugwa n'ingene umuntu yokivuga. Nshize ivyizigiro ku Mwami kugira ngoampe insobanuro n'insiguro y'iri Jambo ryanditswe. Ndamushimira ivyoyadukoreye vyose muri rino yinga kubwo kumenwa kwa bino bimatanije ca Gitabo.

4 Rimwe na rimwe twibaza ko twatomoye ibintu neza ariko si ko biri ! Ni cogituma abafise ibibazo babaza kuri iki cigwa bovyandika maze bakabizanabakabishira kuri iyi meza ku wa gatandatu ku mugoroba kugira ngo ndavyihweze, kandi nzogerageza kuvyishura ku w'iyinga mu gitondo Umwamiabishatse. Nibaza ko ari vyiza ko twobigira uko, kuko rimwe na rimwe hari ibintubitahurwa ukutari ko. Ni vyiza ko twobiroranya.

5 Hari umuntu yanterefonye uno musi. Yashaka kumenya ko vyoba ari vyo komu gihe c'izamurwa hazozamurwa umuntu umwe gusa i Yeferesonivile uwundiumwe gusa i New York, abandi bose na bo bakava hakurya y'amazi. Murabona,ni ikintu catahuwe nabi. Umuntu umwe yavuze ko ku wa gatandatu uza Umwami niyaduhishuriraica nyuma kimatanije ca Gitabo, aho rero Yesu azoba ari ngaha ku w'iyinga mugatondo ! Si uko biri ! Ntavyo tuzi. Umuntu ni yaza akubwira ko azi igiheazozira, uce mumenya neza ko ari mu kinyoma kuko ata n'umwe abizi.Ariko birakenewe ko tubaho nk'aho yoba agira ashike ubu nyene.

6 Ngira ndabanyiganyize mu minota mikeya, nuko rero nimwitegure. Nibazako Yesu agira aze mu minota idashika itatu nkurikije uko aharura ibihe. Muraziuko uwo mwanya ungana ? Ni nk'imyaka mirongo itatu n'itanu. Murabona, kuriWe imyaka igihumbi ni nk'umusi umwe. Mu gihe cabo intumwa za Yesu zamazivuga ziti : «Igihe kiregereje ! Igihe kiregereje!» Ya ntumwa yarabivuze muVyahishuriwe Yohana. Murazi igihe ivyo bimaze ? Ku Mana hari neza na nezank'ejo hahise, nta n'imisi ibiri ihaciye ! Dusigaje iminota idashika itatu ngo azena yo ikaba ihuye n'imyaka mirongo itatu) ; nimurabe rero iminota itatu ico arico. Aramaze guhaguruka ngo aze !

7 Iyo musoma Bibiliya, mwibaze ko avuga nk'uko Ijambo ribivuga atarink'uko tuvuga. N'aho nobaye nzi ko azoza ejo ku mugoroba, nobandanya kwigaivy'ejo ; nomusaba ngo ampe Ubutumwa bwerekeye ica kane kimatanije caGitabo kandi noza ngaha kuvuga Ubutumwa nk'uko bisanzwe. Noshima kwamankora ico nzoba ndiko ndakora umusi azozirako. Nta handi hantu heza nzinkwiye kuzosangwa ndi igihe c'izamurwa atari kuri kino gikorwa ndikondakora. Tubandanye rero gusa gushika aho azozira. Ubu rero, nimwiyubare cane kandi nimwaronka ayo makaseti, muzemuyumvirize neza kuko ivyo bintu bisiguwemwo kandi twarasubiyekuyumviriza kugira ngo tugire icemezo ko ameze neza.

8 Ubu rero ndizigira kuri uno mugoroba ko mwese muri abakunzi ba Kristo,ko umwe wese amukunda. Nshaka kubabwira ibituma rimwe na rimwe abantubabura ico bafata n'ico bareka : hari abaza twamaze gutangura batumvise intango, hanyuma bakumva havugwa ibintu vyavuzwe atari ho bari ; ivyo bicabibazazanira maze bagatahura ibintu ukundi kandi atari ko vyavuzwe.Namba mufise ikibazo, hari ikintu mutatahuye, nimucandike ku gapapurogusa maze muze mubizane kuva ubu gushika ku wa gatandatu ku mugoroba.Namba hari ikintu kibahagaritse imitima maze mukibwira muti : «Sinzi ico ivyobisigura, ntavyo natahuye neza !» (Murazi ico nshaka kuvuga) ; nzogeragezakuvyishura ku w'iyinga mu gatondo, Umwami abishatse.

9 Kuri uno mugoroba turaja gusubira gusoma muri rino Jambo rihezagiwe.Mu Vyahishuriwe Yohana 6, turaja gutangura Ica gatatu kimatanije ca Gitabo(umurongo wa 5 n'uwa 6). Ejo ku mugoroba tuzoba duhejeje ivya bamwe banebagendera kw'ifarasi : ya farasi y'igitare, ya farasi y'akagajo ; ya farasiy'agafyiri, ya farasi ibenjutse. Nshaka kubabwira ibi : uno musi nk'iyi misi yoseiheze navyutse hakiri

kare cane imbere y'uko bose bikangura nca ndatanguragusenga hanyuma nca mbandanya gusenga umusi wose.

10 Ariko mu gitondo ca kare cane, Mpwemu Yera yaje aho nari ndi nca mbonaIca gatatu kimatanije ca Gitabo cuguruwe mu buryo buboneka neza nk'ukundababona. Muri kano kanya ndazi ko ariko aranyumva kandi ndabimushimiye.Mwibuke ko hariho ikintu kiriko kiraba kandi ndizigira ko mubitahura. Harihoikintu kiriko kiraba. Nashaka gupima iri shengero kugira ndabe ko mushoboravyukuri gutegera ikintu imbere y'uko gishika vyukuri. Nimwibuke ivyonababwiye, kandi Umwami aze adufashe.

11 Reka dusome umurongo wa 5 n'uwa 6 : « Kand'amenye Ica gatatukimatanije ca Gitabo, numva ikigira gatatu mu binyabugingo, kiti Ngwino.Mbona ifarasi y'agafyiri : kand'uyicayeko yar'afise umunzane mu minwe.Numva hagati y'ivyo binyabugingo bine nk'ijwi rivuga, rit'Ingero imwey'ingano n'idenariyo idenariyo n'ingero zitatu za Sayiri n'idenariyo idenariyo :arikw'amavuta na vino ntugire ic'ubikorako.»

12 Ubu, dusubire inyuma kuri bimwe bimatanije ca Gitabo tumaze kubonakuko, nk'uko twabikoze kuri vya bihe vy'Ishengero, tugerageza kuvuga muncamake ivyo twabonye kugira twerekane ingene bigenda bikurikirana. Nink'iyo tuba turiko turaduga ingazi, aho duhonyoza ikirenge hagenda hamanuka,tuhashikanye ikirenge tugaca tuhasiga inyuma.

13 Ni Igitabo c'incungu kimatanishije ishashara (mwese ivyo murabitahura ?) Kandi ico Gitabo kimatanishije udushashara indwi. Ni Igitabokimatanishije udushashara indwi. Nimwibuke rero ingene twakiberetse kandi -hamwe mu ho twabikuye ni mu Gitabo ca Yeremiya. Bandika nk'uku, kurupapuro… atari ku rupapuro ariko ku rusato. Bakizinga nk'uku, hanyuma agasunwa bakakareka nk'uku. Ako kerekana ivyari vyanditswemwo. Icakurikiracagirwa uko nyene, cazingwa mu buryo bumwe nk'uku maze mu guheza,babitandukanya nk'uku maze hakinjizwamwo ikindi. Uko ni ko ca Gitabokimatanishije udushashara indwi cari kiri.

14 Ibitabo bifatanije nk'iki mfise tubironse vuba. Aho hambere ibitabo vyariimizingo. Vyari bizinzwe. Igihe rero baba bashaka icigwa canke ikintu kanaka…Iyo Bibiliya iba yari igizwe n'imizingo maze mushatse gusoma igitabo caYesaya, vyasaba ko mukizingurura nk'uku gushika kuri Yesaya kugiramushobore kugisoma. Ni Igitabo c'ubucunguzi kimatanishije Udushasharaindwi.22. Ubu turabona ko wa Mwagazi w'Intama aje, ko yakiriye Igitabo mu kubokokw'Iyivyagiye kuri ya Ntebe, ko amennye bimwe bimatanije ca Gitabo mazeavyugururira abantu. Ibinyabugingo bine vyicaye aha kandi ivyo twamazekubibona muri vya bihe vy'Ishengero, ivyo binyabugingo bine tugendatubona mu Vyanditswe ni vyo bimenyekanisha ukwugururwa kwa bimwebimatanishije ca Gitabo. Kandi turabona ko ari Igitabu c'Incungu.

15 Twaratereje amaso inyuma maze tubona Umuvyeyi - Mucunguzi,twaramusuzumye kugira ngo turabe igikorwa yari afise. Kandi muri iyi myakayose, Kristo yakoze igikorwa c'Umuvyeyi-Mucunguzi. Ubu rero ababitahuyebose ni bavuge bati : «Amen !». Yakoze igikorwa c'Umuvyeyi-Mucunguzi,ariko igihe kizoshika aho igikorwa c'Ubucunguzi kizoba kirangiye kandiigikorwa c'Ubucunguzi aho kizorangirira, ico gihe azoca ava ku Ntebe y'Imanaaho yicaye ubu, ariko atari Intebe yiwe. «Uwunesha azicarana nanje ku Ntebey'Ubwami nk'uko nanje naneshejе nkicara ku Ntebe ya Data » Iyo Ntebe siIntebe yiwe. Ni iya Mpwemu, ni iy'Imana, Kristo, Wa Mwagazi w'Intama. Siiyiwe.Ni Imana yambaye umubiri ari Yo ya Mana nyene yambaye umubiri.

16 Ubu rero avuye ku Ntebe yiwe. Haca habanza kubaho ibimenyeshwa : «Ninde ashoboye kuza kwakira iki Gitabo c'Ubucunguzi ?» Kuko umugambiw'Ubucunguzi wose uko ungana, uhereye kuri Adamuivyo Adamu, yariyaratakaje vyose… Nta na kimwe cari bwatakare gushika kuri Adamu, yamarainyuma ya Adamu ivyo kw'isi vyari bizimiye maze vyose bigwira rimwe naAdamu, hanyuma vyinjira i kuzimu ku buryo ata muntu yari gushobora kuvayo.Nta bundi buryo bwari bukiriho. Igihe umuntu yacumura yari yizibiriyeko inziray'ukugaruka.

17 Igihe ico kibazo cabazwa, Yohana uwavugishwa n'Imana umwe yaronkauguhishurirwa yeretswe abona ko ata muntu n'umwe mw'Ijuru, kw'isi, nikuzimu vyari bibereye ko anaraba ico Gitabo. Nimuvyibazeko. Hanyuma waMwagazi araza afata ico Gitabo. Nuko Yohana abwirwa kudasubira kurira. Umukuru umwe aramubwira ati : « Raba, intambwe yo mu muryango wa Yudayaranesheje ; ni We ashobora kwakira ico Gitabo no kukizingurura ! »Arahindukira ngo arabe iyo ntambwe yamara abona Umwagazi w'Intama!Uwo mukuru yari yavuze ati : « Intambwe yaranesheje, ariko igihe yaza mazeakaraba yari Umwagazi w'Intama yari avuye kuri ya Ntebe y'ubwami.»

18 Ntiyari bwigere amubona. Kubera iki ? Yari hariya inyuma ku Ntebe yiwe,ashitsa igikorwa ciwe c'Umuhuza kuko amaraso yiwe yari agitemba kubw'abantu abasabira gushika aho Ubugingo bwanyuma bwari bwaranditswe muGitabo c'Ubugingo c'Umwagazi w'intama imbere y'uko isi iremwa bumarakwinjira. Hazoba igitigiri kanaka kandi bizoba biheze : Abandi ntibagomba nokwinjira, nta cifuzo co kwinjira bafise.27. Gurtyo rero, igihe ubwo bugingo bwa nyuma buzokwinjirira, igihec'Ubucunguzi kizoba kirangiye. N'uko wa Mwagazi azoca aza kugira yishuzeuburenganzira afise ku vyo yacunguye, n'ukuvuga ku vyaremwe vyose. Isi niiyiwe n'ibiyirimwo vyose. Murabibona ? Yayicunguje amaraso yiwe bwite.Maze igihe yaza kwakira ca Gitabo ngo acugurure, oh bene Data ! Yohanantiyari akirira. Yararavye maze abona

uwo Mwagazi ari Umwagazi wakerewe.Wari warishwe ariko wari wasubiye kuba muzima.

19 Turabona ko Umwagazi wakerewe ari Umwagazi uviririana, uviririana hose.Yarishwe ; Amaze kwicwa arazuka maze yari yicaye kuri ya Ntebe hariya,inyuma y'iyo Ntebe nk'uku, asabira Ubugingo bwose buzoza. Igihe ubwanyumabwari bushitse kandi igitigiri cabwo kikaba gikwiye, Imana yari igifise caGitabo c'ubucunguzi. Aha ariko arashitsa igikorwa c'Umuvyeyi-Mucunguzi,nk'uko nyene Bowazi yamanutse maze Rusi, yicaye aho, akarindira gushikaashikije igikorwa ciwe c'Umuvyeyi - Mucunguzi.

20 Mbega muribuka igihe navuga Ubutumwa, nta gihe kinini kihaciye, kuri ikicigwa ngo :« Rusi ahumba », n'ivyo yakoze vyose gushika ku kintu canyuma cari ngo : «Rusi ararindira » ? Nimwibuke ingene nerekanye ko Rusi yari ikigereranyoc'Ishengero. Ingene Bowazi yamanutse kugira ashitse igikorwa ciwec'umuvyeyi-mucunguzi. Ni vyo yakoze. Yakuye inkweto yiwe, ashinga intahemaze acungura Nawomi kandi aca aronkeramwo na Rusi.30. Gurtyo rero, Rusi yarindiriye kuko yari yamaze gukora. Yari yamazegukora ivyo bintu vyose hanyuma ararindira. Mu gihe ishengero ririndiririyemu buruhukiro, abenshi muri bo bari mu mukungugu w'isi, ni muri icogihe aba ariko arashitsa igikorwa c'Umuvyeyi-Mucunguzi.

21 Isi irushirizaho kwononekara ; icaha, indwara, imyitwarariko, urupfun'umubabaro biragwirirana. Umugabo atubaha Imana n'umugore atubaha Imanabarahona ; kanseri n'indwara z'ubwoko bwose zirabageseza namba badashoborakuronka ukwizera gukwiye kugira baramvure ukuboko maze bakire ugukira.Ubu nimwihweze ibi. Vyose bimaze kurangira, arangije kutuvugira, yaciye azamaze yakira ca Gitabo mu kuboko kwiwe ; nuko Yohana avuga ko ibirimw'Ijuru vyose n'ubugingo buri musi y'igicaniro bwaciye butanguragusemerera (ivyo tubisanga mu ca gatanu kimatanije ca Gitabo). Ese ukuntubanezerewe ! Ba bakuru baciye bikubita hasi maze basuka amasengeshoy'abera. Ubugingo buri munsi y'igicaniro burasemerera buti : « Urabereye, kukoWaducunguriye Imana kandi tuzosubira kw'isi kugira tuhabe nk'abamin'abaherezi !»

22 Yohana avuga ko icaremwe cose kiri mw'ijuru, ibintu vyose biri i kuzimu,vyose vyaramwumvise ashimagiza Umwami kubw'ivyo. Murazi, Yohanaategerezwa kuba yasanze izina ryiwe ryanditswe muri ico Gitabo. Hanyuma aca aravuga ati : «Arabereye kwakira Igitabo c'Ubucunguzi !»Kuva ubwo ntikicegukiye namba Umucamanza. Cegukiye Umucunguzi, ari nawe yashikije igikorwa c'Ubucunguzi. Ubu agiye kwereka ishengero ico yakoze. Murabibona? Nuko aca afata caGitabo, ariko c cari kizinze ata n'umwe yari azi ikirimwo. Vyari bizwi ko cariigitabo c'Ubucunguzi, ariko bihuje n'Ivyahishuriwe Yohana igice ca 10, ivyovyategerezwa guhishurwa mu misi ya nyuma. Umumarayika w'indwiazoronka Ubutumwa kuri ivyo, kuko vyavuzwe ko umusi inzambay'umumarayika w'igihe c'ishengero ry'indwi izovugira, igiheumumarayika w'indwi azovugiriza inzamba, ni ho amabanga yose y'Imanaazoba aheraheherejwe. Hanyuma, ivyo bimaze guhishurwa, wa Mumarayika,ari We Kristo, aca amanuka avuye mw'ijuru (ubu rero nimwibuke ko uwomumarayika wo kw'isi ari intumwa). Kristo aca amanuka (Muramubona ku gicec'icumi c'Ivyahishuriwe Yohana), ashira ukuguru kwiwe kw'isi, ukundi kukiyaga. Hariho Umunywamazi hejuru y'umutwe wiwe, amaso yiwe n'ibirengevyiwe bimeze nk'umuriro, n'ibindi... Amanika ukuboko kandi arahira Iyibahoibihe bitazoshira iri kuri ya Ntebe ko bitagitevye.

23 Kandi igihe yarahira, imituragaro indwi yaciye yumvikanisha amajwi yayokandi uwariko arandika ari we Yohana, aca ajanwa muri Mpwemu. Yariyiteguriye kwandika. Ariko umumarayika aramubwira ati : « Ivyo ntuvyandike!Bimatanishe ishashara.» Harimwo ibiki? Bimatanishe ishashara.! Ntuvuge nakimwe!» Murabona, ivyo bitegerezwa guhishurwa ariko ntivyanditswemw'Ijambo. Nuko, igihe yatangura kumena ibimatanije ca Gitabo turabona kovyose vyari ibanga. Igihe hugururwa ica mbere kimatanije ca Gitabo, Yohana yaciye yibaza ati : « Ubu agira avuge! Kandi bigiye gushika aho kanakaazokwicara kuri ya Ntebe. Ata gukekeranya azokora ibi na biriya.» Arikoicaserutse cabaye ifarasi y'igitare n'uwuyigenderako, afise umuheto mu minwekandi ahabwa igitsibo hanyuma y'aho gatoya. Nta bindi.

24 Hanyuma wa Mwagazi arahindukira, amena ikindi kimwe mu bimatanije caGitabo maze haseruka ifarasi y'akagajo n'uwuyicayeko. Ahabwa inkota mazeagenda kurwana; ahabwa ubushobozi bwinshi kugira akure amahoro kw'isi nokugira ngo abantu bicane. Ng'ico ikindi kintu c'akabanga igihe yacugurura, sivyo? Hanyuma ivyo birabandanya kandi avuga ko igihe gishira yamituragaro indwi, aya mabanga yose aba amaze guhishurwa.

25 Ubu rero ni murabe; mu kwiga ibi bintu, tubona ko muri vya bihevy'Ishengero habayeho abaringaniza ukundi gusha ivyo gusenga ariko atariabavugishwa n'Imana, abaringanije ukundi gusha ivyo gusenga. Umukozi weseashitsa igikorwa ciwe bwite. Ni nko ku mufundi w'amatelefone : neza na neza,si we akora amatara. Yoshobora gukora ibikorwa bito bito vy'uwukora amatara.Iyo umuntu yimvye ibinogo vyo gushingamwo ibiti kandi akaba atigeze akoranamba mu vyo gukwega amatara, ntakwiye kubikora! Ico ashoboye gusa niugukora ibikorwa bimwe bimwe bito vyo gusanura.

26 Ariko igihe ikintu c'ukuri kizotegerezwa guhishurwa mu misi yanyuma y'ishengero rya nyuma, Imana ivuga ko ari ico gihe izoturungikiraumuntu bihuje n'Ivyanditswe. Twarabisesanguye turabica hirya no hinomaze turabona ko yabuye ko Impwemu ya Eliya izogaruka iri mu muntu. Ndibaza ko ivyo vyatomowe kandi turarindiriye ko ivyo bishika. Mu misiya nyuma, hazoboneka umuntu yarobanujwe amavuta

azogaragarira ahantukanaka. Muzokwumva abakavya benshi, n'ibintu vy'ubwoko bwose : ni wamurwanizi azoba ariko agerageza gukura abantu ku wuvugishwa n'Imanaw'ukuri ni yaza. Murabibona? Ariko azoba afise ibimuranga neza. Murazi icoEliya yari ari, nimuvyihweze neza ivyo, kandi muzomumenya! Abatoranijwebazomumenya ariko abandi ntibazomumenya. Nta nkeka ntibazomumenya. Bazobihusha ku muliyoni wa mayili!

27 Ivyo bintu vyose twarabiciyeko turerekana ingene batamenye Yohana,ingene batamenye Eliya, ingene batamenye Yesu, ingene batagiye babamenyauko ibihe vyagiye bikurikirana kandi ko ari ko bizokomeza kumera kuko igihecose kandi ko bazokomeza kumera kuko ari Bibiliya ibivuga. Ni uko mur'icogihe bizoba ari ibiciye bugufi. Bizoba ari ivyiyoroheje cane. Ni co kizotumaabantu bazoba kure y'ivyo : bizoba biciye bugufi cane rwose kuri bo. Twamatubona ko abantu batera baba abanyabwenge kandi biga cane bakamenya ibintuvyinshi, kandi bene abo bantu ni bo batabitahura. Yesu We ntiyigeze afata bene abo bantu ngo abagire abigishwa biwe.Yahisemwo abatize (abarovyi) kandi nta n'umwe muri bo yari abohewe kumashengero canke ibindi. Kugira ngo ashitse igikorwa ciwe yahisemwo abantubasanzwe, abatozakori, abanyarutoke ata co bari co. Ni na co gituma yashoboyekubahindura ikintu kanaka. Murabibona? Igihe cose bazi ko ataco bari co niho Imana ishobora gukora. Ariko iyo batanguye kwiyumvira ko hari ico bazi,Bibiliya ni ho ica ivuga ko mutazi na kimwe ku vyo mwategerezwa kumenya.Ni vyo tubona.

28 Ubu tubona ko ayo mabanga abwirizwa guhishurwa. None ni kubera iki ababandi bagabo ari bo : Wesley, Luther, n'abo bandi bose bahambaye baringanijeukundi gusha ivyo gusenga bazanye ugutsindanishirizwa, ukwezwa, n'igihe caPentekote hamwe n'umubatizo wa Mpwemu Yera, n'ibindi, ni kubera ikibatatahuye ubwo butumwa? Kuki batabwakiriye? Kuko bari abaringanizaukundi gusha ivyo gusenga. Murabitahura?43. Ku rundi ruhande hari n'abantu batangura igikorwa bafise ububashank'ubw'abami ariko atari abami, murabona? Nimwiyubare ku mvugo Bibiliyaikoresha ku kintu cose. Ubu rero nimwiyubare cane! Ibintu bimwe bimwevyagumye ari ibanga mu gihe c'ugutsindanishirizwa, mu gihe c'ukwezwa, mugihe c'umubatizo wa Mpwemu Yera... Ikindi na co, Eva yariye ipome, icamwacitwa grenade canke ikindi kintu? Murabibona? Uruvyaro rw'inzoka ni iki? Niikihe c'ukuri : Ni umubatizo mw'Izina rya Data, ry'Umwana n'irya MpwemuYera canke umubatizo mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo? Oh, bene ivyo bintuamajana vyaretswe.

29 Hanyuma mu gihe ca nyuma, uwo muntu ategerezwa kuza mazeagahishura ivyo bintu akoresheje Ivyanditswe. Azoba afise ibimuranganeza. Nta nkeka! Ivyo rero ntibizoba mu buryo buhanitse; ariko muri Bibiliyaumenga kizoba ari ikintu gihambaye. Mbega ibango ry'igikorwa rya Yohana ntiryategerezwa kurushirizaho kubairihambaye cane igihe yamanuka aje kubatiza? Nimwibaze gusa kuri abobavugishwa n'Imana ba kera, Yesaya, Malaki n'abandi bose baramuvuzekobamenyekanisha n'ivy'ukuza kwiwe. Kandi igihe yaza yari umuntu asanzwenyamwigendako, atize, afise ubwanwa bwinshi n'imishatsi idasokoje, yambayeurusato rw'intama ata mashure na makeya yize. Aho tugeza kubimenya, mubuzima bwiwe ntiyigeze aja mw'ishure. Noneho bamubona avuye mubugaragwa, ata na hamwe ahabwa ikaze ngo avuge Ubutumwa, ahagaze hariyaku nkengera ya Yorodani atangura guhamagarira abantu kwihana. Murashobora kwibaza ivyo?

30 Bibiliya ivuga ko uwo musi vyose vyobaye ibihambaye ku buryo umusoziwose woringanijwe kandi n'umwonga ukuzuzwa n'ahari uduhogoro hagacikaikiyaya. Ndibaza uburyo abantu bategerezwa kuba bariyumviriye ko Yohana,iyo nteguza ihambaye ya Kristo yoje akaringaniza ubugaragwa maze akahamezan'ivyatsi.47. Ndibaza ko bari bagize iciyumviro ntabanduka, nk'uko babigira Ubu. Arikovyose vyari biciye bugufi cane ku buryo n'intumwa vyazicitse. Bavuga bati :«Nimba ubu utegerezwa gutangwako ikimazi, ni kubera iki Ivyanditswe bivugako Eliya ategerezwa kubanza kuza?» Arabishura ati : « Eliya yaraje ariko ntimwamumenye.» N'Umwanaw'umuntu ntibazomumenya. Yaravuze ati : «Yohana bamugize uko bashaka,kandi bamukoreye ico bashaka kumukorera. » maze aca arongerako ati : « Ukoni ko Umwana w'Umuntu abwirizwa kubabazwa.»Ndibaza ko hategerezwa kuba hatabonetse n'ica gatatu co mu bwokobw'Abayuda boba baramenye ko Yesu Kristo yabaye kw'isi. Kumbure bamweboba barumvise havugwa ko habayeho umuntu yakavya ahantu hamwe arikontibavyitayeho, babandanije gusa inzira yabo. «Yaje mu vyiwe, ariko abiwe ntibamwakiriye.»

31 Ntivyavuzwe ko azogaruka mw'ibanga, ariko izamurwa ryo, rizobamw'ibanga! None namba Ukuza kwiwe kwa mbere kwabaye mw'ibanga,izamurwa ntirizorushirizaho kutamenyekana! Bazovuga rero bati : « Nuko,nahora nibaza ko hobaye izamurwa, none raba ivyo vyago vyose kw'isi! » Aca aravuga ati : « Ivyo vyaramaze kuba, kandi ntimwigeze mubirabukwa.» Bizoba nk'igisuma kiza mw'ijoro. Ivyo binyibukije igitabo nasomye,murazi... Mbega citwa gute? Romeo na Juliette. Vyoba ari vyo? Yegetse ingaziku nzu (haraheze igihe kinini ivyo bibaye) maze aza gusahura Juliette mw'ijoro..

32 Ehe ingene ivyo bizogenda kandi bazoba bagiye. Ntazorungika akagwik'abamarayika bafise ibipawa kugira bugurure imva. Bibiliya ivuga kotuzohindurwa imbere y'uko dushobora gukubita urugohe, mu kanya nk'akogukubita urugohe! Bizohera ningoga na ningoga. Bazovuga bati : « Hariho uwo twabuze irengero » Ndibaza ko namba turondeye mw'isi yose uyu musi, twosanga ko hariho kumbure abantu amajanaatanu bazimangana ku musi ku musi. Nta na kimwe tubaziko. Turabona gusa kobazimanganye, neza cane. Nta

benshi cane bazoja muri iryo Zamurwa!

33 Sinagomba kubatera ubwoba kandi sinibaza ko nabikoze. Ariko nagombagusa kubibutsa ivyo yavuze, kandi ubwanyu murabizi : « Nkuko vyabaye mumisi ya Nowa aho ubugingo umunani bwakijijwe n'amazi. » Ubugingo umunanimw'isi yose, bwakijijwe n'amazi!56. Namba muvuga muti : « Oh, ntibikenewe ko ngerageza!» Ivyo vyerekanako mudafise ubwoko bw'ukwizera mwari mukeneye. Namba ari umwe azobaari jewe kuko ndamwizera. Uko ni ko mutegerezwa kwizera muti : « Azoba arijewe! » Nta nkeka! Birakwiye ko mba hafi yiwe cane, ko menya koazonzamura igihe azozira. Ndavyizera. Nubwo abandi bose batobitahura,jewe nzoba ndimwo kubw'ubuntu bwiwe kuko yabinsezeraniye, ndazi konzoba ndimwo kuko idashobora kubesha kandi ndazi ko Ubugingo bwanjen'ubuzima bwanje bubishingira intahe, kandi ngerageza kubaho ku musiku musi nk'uko yoba agira aze. Gurtyo nzoba uwo azozamurwa. Ng'ivyoivyo mwategerezwa kwiyumvira! Namba bazoba ari umunani, nzoba ndi umwemuri abo umunani. Namba bazoba ari amajana atanu, nzoba ndi umwe muri aboamajana atanu. Ivy'abandi sinzi ingene bizogenda. Ariko ico nzi ni uko jewenzoba ndi umwe muri abo amajana atanu. Murabibona?57. Ni muri ubwo buryo mutegerezwa kwama muvyibuka. Atari uko n'uko hariikintu kitagenda neza mu kwizera kwanyu. Murabona, ntimuzi neza komwamaze gukizwa. Muracavyibaza gusa. Ntimukore ivyo!

34 Ni uko! Mbega ntiduhava dutangura kwinjira muri iki kimatanije ca Gitabo?Ni uko! Ndibaza ko ivyo bitabatera ingorane. Ndibaza ko ivyo bitabateraingorane ninabatwara umwanya. Twari gushobora guheza hakiri kare. Mwibuke ko uguhishurwa kwa kimwe kimwe cose mu bimatanije ca Gitaboguhagaze mu vy'ukuri ku murongo umwe gusa. Umurongo wa mbereumenyekanisha ikimatanije ca Gitabo... Iciyumviro ca benshi mubagize icobabivugako (kandi gushika ubu nari navyizeye nkabo) cari uko uwugenderakw'ifarasi wa mbere agereranywa n'ishengero rya mbere. Ariko igihe MpwemuYera yampa uguhishurirwa naciye ntahura ko ari igihushane koko. Nuko aratwereka ico ari co.

35 Kubwanje ivyo bintu ni ivyera. Ni co gituma nifuje kwishura kuri ivyobibazo kandi ngakora ku buryo umwe wese ashobora gutahura neza ivyo bintuhamwe n'abazokwumviriza amakaseti. Murabona. Natanguye kuvuga, igiheabantu bariko barinjira, ku vyerekeye abagenda bihuta kandi bakinjirabagundana. Ntimukwiye gukora ivyo! Ariko biri mu bantu kandi harashushecane, maze rero mugaca mushavura gatoya. Ariko mwabaye abantu beza cane.Muri iri hema sinigeze mbona namba abantu bigenza neza nko muri ibi bikorane; iyo inzoya zirize abavyeyi babo baca babatwara aho babacungira. Ni vyiza cane!

36 Ndiko ndagerageza guca ku mayange ivy'iki cigwa gushika aho numvaugusigwa kwa Mpwemu Yera kuri jewe kugira mvuge ayo majambo, kugiramvuge ivyo nahishuriwe. Gurtyo rero, namba hari aho nihenze, sinkekeranya koizorikosora aha imbere y'abantu bose. Nshaka ko vyose biba ivyo. Ntacobimaze gufata gusa ivyo twibaza, ni ibintu vy'ukuri kandi ni vyo dushaka.Twifuza ko Imana iduha ivy'ukuri.

37 Twafashe abo bagendera kw'ifarasi nk'uko bagenda bakurikirana kandidutahura ko yari Antikristo yari aserutse. Uwo muntu nyene ubwa mbere yarikw'ifarasi y'igitare, twabibonye ejo ku kagoroba amaze guhabwa inkota,abandanya urugendo rwiwe kandi aca yica abantu.63. Murazi ko hama hari ivya kameremere n'ivy' impwemu. Ku nezay'Ishengero kandi imbere y'ukwugurura ica gatatu kimatanije ca Gitabo nshakakubashikiriza mu buryo bw'ikigereranyo ivyo yampaye. Navyanditse hano.Natororokanije imirongo myinshi yo mu Vyanditswe, impapuro zitatu cankezine. Nimwihweze neza ibi; nifuza gushikiriza ikigereranyo c'ishengero kandindabishire ku mugaragaro ku buryo muza gutegerezwa kubibona.

38 Mw'itongo rya Edeni hariho umugeni asanzwe (muribuka uwo mugeniasanzwe nababwiye ejo ku kagoroba?) Yari umugeni wa Adamu, ntiyari bwabeumugore wiwe kuko atari bwamumenye nk'umugore wiwe. Neza na nezank'uko Mariya yari umugore wa Yosefu ariko batari bwamenyane. Aca asangayarasamye inda. Ariko imbere yuko Adamu amenyana n'umugore wiwe yariakiri uwakowe na we gusa. Turabona ko mw'itongo rya Edeni yaguye kukoatagumije Ijambo ry'Imana.

39 Yari azi ko Satani azorekurirwa hagati yabo. Gurtyo ica ibaha Ubuhungiro.None hari ahandi atari mu Mana umuntu yokingirwa, mu gihe Yo yamayitwararika abana bayo? Iyo mba nashaka gukingira umwana wanje Yosefucanke ikindi nk'ico, Bene Data, kandi nkaba nzi ko ari co cotuma aguma abaho,kandi nkaba mfise uburyo bwo kubikora, iyo mba nari nzi ko uruhome rwa betorw'imetero cumi z'ubwaguke rwoba rukwiye, nokoze urw'imetero mirongo ibirina zine kugira ngo menye ko namukingiye.66. Namba nibaza ivyo ku muhungu wanje mutoya apfa (ndizera ko umwanamuto ubu yarakijijwe); none Imana ntizorushiriza kwiyumvira nk'uko kumwana wayo yazimiye ubutakigaruka? Izomukingiriza iki? Izomuhishamw'Ijambo ryayo bwite. Igihe cose muba muri muri iri Jambo muba mutekaniwe. « Ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma murimwebwe, musabe ico mugomba...» Ni ivyo! Ni Ijambo.

40 Igihe Eva yatangura kwiyerereza muri rya tongo; yaciye ahura na ya nzoka(umushukanyi ahebuje). Iyo nzoka yari ku rundi ruhande. Imana iba mu biciyebugufi. Ni ho yama kandi ni ho ikorera. Ntiyigera ihindura. Nuko uwomupfasoni aciye bugufi yariko aratembera maze Satani aza nk'ikiremwac'ubwenge, gikerebutse, c'igikundiro, yifuza kumwumvisha umugambi wiwe.Satani yarashobora kuhazunguruka igihe cose yabishaka, igihe cose Evayagumye mw'Ijambo, yari ameze neza cane. Murabibona? Reka Satani akoreico ashaka cose ariko mwebwe, mugumane gusa n'Ijambo. Kandi ivyo ntatandukaniro na rimwe

bizotanga. Niyavuga ati : « Uragwaye! », uti : « Mumishishagu yiwe, narakize! »Ati : « Uzopfa! »Uti : « Azonzura!»

41 Murabibona? Nimwigumire mw'Ijambo, nta bindi. Kristo na We nyeneyikingiriza Ijambo ati : « Haranditswe ngo!...» Nimugume mw'Ijambo! Eva acaatangura guhesha bukebuke ariko ntiyahesha rwose. Yahevye akajambogatoyi gusa, kandi ni co conyene Satani yashaka ko akora! Yaciye amukuramw'isezerano ry'Imana akoresheje ivyo mu bwenge. Ntimukagerageze namba gushira mu bwenge Ijambo ry'Imana,nimuryizere gusa! Eva yaciye ava muri ico kibanza kandi imbere y'uko Adamuamumenya, yari yaramaze guhumanywa na Satani.70. Mwabibonye? Kristo yakoze ivyo nyene. Ivyo nyene. Kubw'ugucungura,Imana yategerezwa kuba ari Yo ihaseruka ubwa mbere. Mwabonye ivyabayekuri Mariya? Imbere y'uko abana na Yosefu, Mpwemu Yera yabanje kumuteraigitutu. Uko ni ko Umucunguzi yaje.

42 Ni mumenye ibi : Umugore wo mu buryo bw'umubiri yaraguye, ariko Imanaitegekanya inzira ashobora gucungurirwamwo. N'ubwo yaguye Imanayarategekanije inzira. Gurtyo umugore wa mbere yabaye kw'isi yaguye imberey'uko we n'umugabo wiwe babirana. Yagwishijwe n'ivy'ubwenge; ahokugumana n'Ijambo yaciye agwa maze agwa mu rupfu, mu gutandukanakw'ibihe bidashira. Aca atuma umugabo wiwe n'ivyari kw'isi vyose bigwa; Eva aragwa.

43 Ariko Imana, yuzuye imbabazi; yaciye ishiraho inzira kugira ngo icungure uwo mugore. Ica imuha isezerano, imubwira ko muri kazozaIjambo ry'ukuri rizongera kumuzako, ko azohishurirwa Ijambo ry'ukuri. Nimwibuke neza ivyo, kuko yari yarasezeranye kuduha Kristo biciye kumugore, kandi ko Kristo ari We Jambo. Yohana 1 : 1 « Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jamboyahoranye n'Imana, kandi uwo Jambo yari Imana... kandi uwo Jambo yihayeumubiri, abana natwe...» Imana yabanye na twe yambaye umubiri. Yari Jambo.Imbere y'uko haba Ijambo, habanza kuba iciyumviro kandi iciyumvirogitegerezwa kuremwa. Uko ni ko ivyiyumviro vy'Imana vyahindutse ivyaremweigihe vyagaragazwa n'Ijambo. Igihe Imana ibashizemwo ikintu mukaciyumvira(iciyumviro canyu) maze ico mukagihishurirwa, kiguma ari iciyumviro gushikamukigaragaje.

44 Ni co catumye Mose asohoka kugira asenge (yari akikujwe n'Inkingiy'Umuriro). Nuko Imana ica imubwira iti : « Irekeza inkoni yawe mu buserukomaze uhamagare ibibugu » Nta bibugu vyariho ariko aduza inkoni yiwe mazeavuga ati : « Ni habeho ibibugu!» Ntihashotse haboneka ikibugu na kimwe!Arasubira inyuma ariko Ijambo ari co ciyumviro c'Imana, cari cavuzwe.

45 Ntimuzi wa murongo aho Yesu yavuze ati : « Nimwabwira uwo musozi... »Atari ngo : «Jewe Yesu » ninabwira uwo musozi. » ariko : « Mwebwenimwabwira uwo musozi muti : Imuka aha... » Kandi ndibaza ko mu gihe caMose ibibugu binini binini cane bisa n'urwatsi rutoto vyaciye bitangurakugwingwira, kandi inyuma yaho gato kumbure habaye ibiro vyinshi vy'ibibuguku metero kwadarato. Vyava hehe? Ni Imana yari yabiremye. Ntimubibona? Yobigomba muri iri joro, Imana yoshobora guhonesha isi imibu. Yoshoborakurundanya imibu gushika ku kwezi. Ikintu kimwe yokora kwoba kuvuga gusaiti : «Ni habeho imibu gushika ku kwezi!» Ni vyo gusa vyoba bikenewe. Ntabumara na bumwe canke ibindi bintu vyose vyoshobora kuyihonya, yobandanyakwiyongeranya urudaca.

46 Ishobora gukora ivyo Ishaka. Ni Imana, Umuremyi. Ikintu kimwe ifise cogukora ni ukuvuga. Neza cane! Ni umuremyi. Iyaba gusa twoshoboye kubonaingene ihambaye! Ikora ivyo yipfuza vyose. Yicaye hariya hejuru maze ikarabakw'isi. Kandi abo barezi bato bigira abanyabwenge bavuga ko ata Mana irihon'ibindi. Womenga twoba twagarutse mu gihe c'umunara w'i Babeli Tumenye ko Imana yabwiye Eva ko haciye igihe kanaka « Ijamborizokugarukako ». None Eva yaguye gute? Nifuza ko abanyumviriza bomenyaneza ivyo. Yaguye ava he? Eva yaguye ava he? Yavuye mw'Ijambo. Si vyo?Yavuye mw'Ijambo. Maze Imana ica ivuga ko izotegekanya inzira yokumucungura no kumugarukana kw'Ijambo. Neza cane! Haciye igihe kanaka, yari gushobora kwongera kumenya Ijambo. Ni ukuri! Ijambo ryagarutsenoneho rifise ico ritumbereye.

47 Ubu rero nimukurikire neza ivyo ngira mvuge. Ijambo ryagarutse kuri Evarifise intumbero imwe : Ubucunguzi. Ariko mu kurindira aronka igisubirizicategerezwa gukora gushika igihe c'ukugaruka kw'Ijambo ry'Inkomoko. Ivyomurabitahura neza? Yamubwiye ko Ijambo rizoza kuri we ariko mu kurindira yamuhayeigisubirizi gushika ico gihe gishitse. Gurtyo rero yabwirizwa gutangaamashikanwa, asubirira ayo Maraso. Ariko amaraso yakoresha yari ay'amapfiziy'inka, y'intama nay'impene, n'ibindi. Ariko ntiyakura icaha ciwe, nta kindiyakora atari gutwikira icaha ciwe. Ntiyagikurako namba, yaragitwikira gusakuko yari amaraso y'igikoko kandi mu maraso y'igikoko harimwo ubuzimabw'igikoko. Cari igisubirizi gushika aho Amaraso Nyakuri (mwiyubare),Amaraso nyakuri y'umuntu kuko yinjira mu mubiri w'umuntu kuko ariivyerekeye abantu. Oh Mana! Bidaciye ku gitsina, biciye ku nkumi. Raba icoukuvuka biciye ku nkumi kwatanze.

48 Gurtyo, Ijambo ry'Imana ryasezeranywe rihinduka amaraso maze ryigiraumuntu muri Yesu Kristo, Umukiza. Amaraso y'amapfizi n'amasuguruy'impene... Ariko nimurindire rero. Imana yatanze Isezerano, ivuga ko igiheIjambo rizogaruka amaraso azoba ahari. Uruvyaro rw'umugore ruzokomeretsaumutwe

w'inzoka. Nuko uruvyaro rwiwe iyo ruba rwaje nk'uko rwavuye kuriAdamu canke ku nzoka, rwobaye rero uruvyaro rucumura. Ng'ico igituma Yohana yararize. Nta muntu n'umwe yari ahari kuko abantubose bari hakurya y'imanga, y'urusumanyenzi. Ariko igihe categerezwa gushikaaho ico gisubirizi kiva mu maraso y'igikoko categerezwa gusubirizwa n'ukuzakw'Amaraso nyakuri yinjiye mu muntu. Imana yo nyene yambaye Umubiriw'inyama n'amaraso. Ni Bibiliya ibivuga.I Timoteyo 3 : 16 «Nta wuhakana yukw'ibanga ryo kwubaha Imanaridahambaye cane, n'iri : Umwe yerekanywe afise umubiri... » Ni ivy'ukuri.Ukuvuka biciye ku nkumi ni kwo kwakoze ivyo.

49 Nuko amaraso y'intama n'ay'amasuguru y'impene yatwikira icahaariko ntiyakidukurako kuko yari amaraso y'igikoko. Ivyo vyari bikwiranyen'ico gisubirizi! Babandanije rero gurtyo gushika aho Ijambo nyakuriryasezeranywe ryagaragariye muri Yesu Kristo, uwerekanye ko yariUmwana w'Umuremyi w'ubwiza, Imana, kandi ubwiwe yemejwe ko ariIjambo Rizima ry'Imana. Yerekanye ko yari We Jambo. Yarashoborakurema ibintu akoresheje Ijambo ryiwe. Nta muntu n'umwe canke ico ari co cose kw'isi gishobora gukora ivyo. Ntana kimwe mw'isi gishobora kurema, atari Imana. Wa murwanizi ntashoborakurema. Ni uwugoreka ivyaremwe kandi ntashobora kurema. Icaha si ikindiatari ukugororoka kugoretse. Muratahura neza ivyo nshaka kuvuga?Ikinyoma n'iki? Ni ukuri kugoretse. Ubusambanyi n'iki? Igikorwa kitarikibi kandi cemewe ariko kigoretse.

50 Satani ntiyari gushobora kurema, ariko igihe Kristo yaza yerekanye koyari Umuremyi. Muri We yari afise Amaraso yari yarasezeranywe. Nambamushaka gusoma ivyo, duhagarare gatoya. Uko biri kwose, kuri uno mugoroba.Murazi, ivyo birambabaza igihe niyumviriye ko mushaka kwitahira i muhira.Ubu rero dufate Ivyakozwe n'intumwa 2 maze turaja kubona namba ari vyocanke atari vyo, namba yarerekanye ko yari Imana. Dufate aha umurongo wa 22;Petero ariko avuga ku musi wa Pentekote. « Yemwe bagabo b'Abisirayeli, nimwumve aya majambo : Yesu umunyanazareti, umuntu Imana yashimagirishijekuri mwebwe ibitangaza n'utwumiza n'ibimenyetso, ivyo Imana yamukoreshejehagati yanyu, nk'uko mubizi ubganyu... »

51 Umuntu yagaragaye ko ari Imana hagati yanyu. N'ibintu yakora ubwavyovyerekana ko yari Imana. Raba Petero ahagaze imbere ya rya kombe mazeababwira ivyo bintu. Na Nikodemu ivyo yari abizi. Yavuze ati : « Rabi, turazitwese ko uri Umwigisha yaje avuye ku Mana kuko ata muntu n'umweyoshobora gukora ivyo bintu atavuye ku Mana. » Bari babizi. Ariko rero?

52 Ni mukurikirane neza ibi. Ivyo vyari vyasezeraniwe Eva; ariko igiheUmugeni yaboneka kirya gihe, igihe Ijambo ry'ukuri ryaza kuri we, wa mugoreari we mugeni w'umuheburayokazi, yaranse kuryemera n'aho yari Umugeniw'Imana. Yaciye imwirukana, si vy'ukuri? Ariko yamara yari Umugeniw'Imana. Ariko mwovuga muti : « Ntibari bwanabirane! » Ni ivy'ukuri, ariko Yosefuyari hafi kumubenga imbere yuko babirana. Yari yaramukoye. Maze igihe yaza kandi Ijambo yari yarasezeranye rikaza kubw'ubukwe,yasanze uwo mugeni abohewe cane mu vyo yarisubirije ku buryo atashatsekwemera isezerano ry'ukuri yari yarasezeraniwe, Ijambo ari ryo Kristo.

53 Ariko kumbure ntimubitahura. Dusubire turabe ivyo bintu. Nshaka komutahura neza ibi. Eva, umugeni, yahawe isezerano ry'umucunguzi. UwoMucunguzi azoba ari We Jambo. Igihe Ijambo ryaza, ryambaye Umubiri,Umugeni yaciye arishibura. Yari yarahawe ibisubirizi kugira atere aja imberegushika Umucunguzi aje, ariko Umucunguzi amaze kuza, uwo mugeniIsirayeli yashatse kugumana ibisubirizi vyiwe maze ashibura Ijambo ry'ukuri. Ni navyo yakoreye Eva, wa Mugeni wa kabiri, nyina w'ubugingobwose bwo mu buryo bw'impwemu. Murabibona? Eva risigura ngo : Nyinaw'ibifise Ubugingo. Eva ni nyina w'abafise ubugingo bose.

54 Igihe yaza atumbereye umugeni Isirayeli, yari nyina w'abari bafiseubugingo bose, ariko ashibura ivyo. Eva wo mu buryo bw'umubiri yagwiriyemuri Edeni kubwo kuba yarumviye ubwenge bwa Satani aho kwumvira Ijambory'Imana. Uko ni ko yaguye. Yaguye kuko yakoze ivyo. Eva wo mu buryobw'impwemu (ryari Ishengero, ari We Mugeni wa Kristo) ntiyagwiriye muriEdeni ariko yagwiriye i Roma! Muri ya Nama Nkuru y'i Nikaya, igihe yankairyo shengero rya Pentekote ryabayeho igihe c'i Nikaya, maze akumviraivy'ubwenge buturutse i Roma aho kuguma kw'Ijambo, yaraguye maze ivyarikumwe na we vyose bipfana na we, ivyari bimukikuje.

55 Gurtyo, nk'uko Eva wo mu buryo bw'umubiri yaguye, ni na ko Eva womu buryo bw'impwemu yaguye. Umugeni w'Imana yagwiriye muri ryatongo; Umugeni wa Kristo yagwiriye i Roma. Nimurabe ko kubw'ubwobwenge nyene burwanya Ijambo ry'Imana Satani yamutwaye ubushobozibumurinda. Ni vyo twabonye mu kumena ibimatanije ca Gitabo yuko : yariSatani kandi igihe cose aba ari Satani ari ngaho! Na Bibiliya ivuga ko ari icicaroca Satani.93. Nk'uko Eva yatakaje ubushobozi bumurinda, akabuha Satani muri ryatongo rya Edeni, Ishengero ari ryo Mugeni wa Kristo, yakoze uko nyene i Romaigihe yatakaza Bibiliya, akayisubiriza n'imitegekere yabo n'ivy'ubwengebwabo.94. Murabona ico kigereranyo? Mugarukanye ivyo bigereranyo mu vyiyumvirovyanyu, ntimushobora kubura gushika neza ku ntumbero. Iyo mba ntari bwigerenibona maze nkabona igitutu canje kigendagenda vyoba birampaye iciyumviroc'uko nsa. Namba mushaka kubona ibizoba, raba ivyabaye. Kuko Bibiliya ivugako ibintu vyose vya kera ari ibitutu vy'ibintu bizoza. Ni uko. Yaguye ava kw'Ijambo ryayo ry'ubushobozi (Ijambo ry'Imana) igiheyagurisha Bibiliya maze akayisubiriza n'umuntu avuga ko ishengero rifiseuburenganzira bwo guhindura

ivyo rishatse. Kandi barabikoze; kandi Umugeniwa Kristo, wa mugeni wo ku musi wa Pentekote, yagurishije ubushobozi bwiwei Nikaya, neza na neza nk'uko Eva yagurishije ubushobozi bwiwe kuri Satani muri rya tongo rya Edeni. Nk'uko nyene. Ni uko!

56 Murizera ko yagurishije ivyo kuba samuragwa ari bwo bushobozi bwiwe,igihe yanesherezwayo? Muravyizera? Nta nkeka yarabikoze! Nemera imaze ikiiyo idashingiye kuri iyi Bibiliya? Nifuje ko hagira umuntu antorera muri Bibiliya ico bita inamay'abatumwa canke ijambo na rimwe kuri ivyo. Hari inama y'abakatolika atariiy'Intumwa! Musome mu Vyakozwe n'Intumwa 2 : 38. Ng'ivyo ivyo Intumwazemera. Uko biri kwose mu bihe vyose ni vyo bagumye bakoresha.

57 Gurtyo bagurishije ivyo kuba samuragwa kwabo. Atari bo gusa arikon'abametodiste, ababatiste, abaperesibiteriyano, abapentekote, bose bakoze cokimwe. Yakoze idini (Uburoma ni bwo bwabimukoresheje). Yakoze idini mazeaca ashiraho umuntu wo kurirongora baba n'abametodiste, ababatiste,abapentekote n'abandi bose bakoze co kimwe : bashizeho akarwi k'abantu ngokabe ari ko kabarongora. Ivyo Imana yovuga vyose, mutegerezwa gukora nk'uko bavuze. Ivyon'ibiki? Nta kindi atari ubusambanyi bwo mu buryo bw'impwemu; niikigereranyo c'umugore mubi. Nta nkeka. Ni za nemera, za nemera z'ibinyomazakozwe n'amaboko y'abantu. Nuko igihe yakora ivyo (navyerekanye) yaciyeacika maraya imbere y'Imana. Murizera ko Bibiliya ivuga ivyo? Koko! Mberen'abakobwa biwe bakoze nka we.

58 Mu Vyahishuriwe Yohana 17 (namba mushaka kuhandika), Yohanayajanywe muri Mpwemu maze abona maraya ahambaye muri Mpwemu mazeabona maraya ahambaye yicaye ku misozi indwi (twarabibonye ejo kumugoroba) kandi twarabonye neza na neza ivyo yakoze, mu guhereza abantuvino y'ubusambanyi bwiwe. Si ivy'ukuri? Abami bose bo kw'isi basambanye nawe, bahendana, biba, babesha, bagura ukwihana kwabo, bavuga amanevenen'ibindi.101. Twibuke ko na we yari afise abakobwa! Nuko iyo ahindutse umubiri,idini, iryo dini ryose ni ikinyoma. Kandi namba Eva atumviye Imana,agakwegera mu rupfu ivyabayeho mu nyuma yiwe vyose, ni nako nyenen'Ishengero ryigize idini rijana mu rupfu ibirikurikira vyose. Ni ukuri.Idini ryose rijana imahonero! Ivyo vyose bihuje neza cane n'Ijambo.

59 Ni musome mu Vyahishuriwe Yohana, igice ca 17. Bibiliya ivuga kobizomutongoza umuriro, n'abana biwe. Ni ivy'ukuri. Ivyo bisigura ko idiniryose rizotongoranwa n'umwe maraya. Ivyo bisa n'ibikomeye, ariko ndazi komuzokwumva babivuga, kandi na jewe nyene nifuza kwumva bivugwa, kandiivyo vyose ni ukuri! Bibiliya yarabivuze : ni ukuri rero.103. Yahindutse maraya. Murashobora gusoma ivyo mu Vyahishuriwe Yohana17. Yakoze iki? Yakoze ubusambanyi ahemukira umugabo wiwe bwite.Mwovuga muti : «Ni uko, ni Bibiliya ibivuga!» Ijambo ni ryo Mana! Nimwakurako ikintu kimwe conyene… Mbega woshima ko umugore waweagumbirana n'uwundi mugabo ? N'aho yokora ivyo nyene gusa ntimwoshimako abikora kuko ari vyo vyogaragaza uguhemuka kwiwe. «Uwuzokurako ijambona rimwe canke hakagira iryo yongerako…» Haleluya ! N'ukuri !

60 Imana ishaka ko Umugeni wayo aba Uwutunganye mw'Ijambo. Ukoni ko ategerezwa kumera kuko ata n'akazatsa na kamwe canke akanyugutiko mu Vyagezwe vyo muri iki Gitabo kazozimangana imbere y'uko vyosebishika. Yesu yaravuze ati :« Ijuru n'isi bizorangira arikw'amajambo yanje nta co azoba. » NtimusobanureIjambo uko mwiyumvira ! Ashaka ikintu gitunganye, ata kintu kikivanze nakimwe, ata mikwegano na mikeya. Sinagomba ko umugore wanje akweganan'uwundi mugabo. Igihe muteze ugutwi ibiva mu vy'ubwenge uko biri kwosevyiyongera kw'Ijambo, ico gihe muba mwumvirije Satani kandi mubamukwegana na we. Amen ! Ivyo vyose ntibibuzuzamwo ugusenga. Imana ishakako muguma mutavanze. Nimugumane gusa n'Ijambo. Nimugumane gusa na ryo.Ni uko.

61 Nk'uko vyagenze kuri Eva wo muri rya tongo ryo muri Edeni, Imanayarahaye isezerano uyu Eva wa nyuma ari We Shengero rya Pentekote ; ni ryoShengero ryatanguye, Ishengero nyene ari ryo nyina w'abafise ubugingo bose.Ariko murabona, iyo bafatanije ivyaha na we, bapfana na we.106. Umuntu araza maze akavuga ati : « Nifuza gukorera Imana » Barishurabati : « Nuko, ehe ico ukwiye gukora. Niwinjire maze wihane!» Nuko,ndabikora. «Imana ihabwe icubahiro!» Araza maze akihana. « Ubu rero, ingomaze wifatanye natwe!» None ehe! Uko ni ko aba yifatishije. Ni ivy'ukuri! Maze agaca apfananabo. Ni vyo iki Gitabo cigisha. Si jewe ndabivuze, ni Bibiliya ibivuga. Ni uko!

62 Gurtyo rero, Imana yamuhaye isezerano nk'irya Eva. Ibwira Eva ko igihekizoshika aho Ijambo rizogaruka kuri we. Muravyibuka? Ivyo yari yaratakajeazobishumbushwa kuko ikintu kimwe gishobora gushumbusha ari Ijambo. Ni nk'uko namaze kubivuga nti : «Rasa n'inkoho. Nimutagema, ronderaaho mwahushirije. Mutegerezwa kugaruka inyuma maze mugaca mutanguriraaho.» Nimwagaruka inyuma, mugasubira i Nikaya, aho nyene ni ho mucamwongera gutangurira. Nimwitandukanye n'ayo madini, n'ayo mashengeroyose! Twarabibonye neza muri ibi bimatanije ca Gitabo. Mu buzima bwanje bwose namye nibaza igituma ntemera uburyo amadiniakoramwo atari ukutemera abantu (neza na neza abantu bameze neza nkanje, nkamwe canke uwundi wese!), oya! Ariko ico ntemera ni ubwo buryo amadiniakoramwo. Ubu ndabibona aha nyene. Gushika uyu musi sinari bwigerendabimenya. Ni ivy'ukuri!

63 Imana yahaye Eva wo mu buryo bw'impwemu isezerano nk'iryo yahayeEva wo mu buryo bw'umubiri : ryari iry'uko Ijambo rizogarukanwa mazeakarisubizwa. Mu misi ya nyuma izoshumbusha Ishengero,

irigarure kw'Ijambory'inkomoko. Ubu nimunkurikire neza. Nshaka ko mumenya neza. Imana yasezeraniyeEva yuko igihe kizoza aho uruvyaro rwiwe bwite ruzoshumbushwa Ijambo. IryoJambo nyene rizohinduka urubuto. Ariko igihe yahabwa igisubirizi, yaciyeyumira kuri ico gisubirizi. None igihe Ijambo ryaza kuri we, yakoze iki? Ngo :«Sinshaka!» Ijambo ryari riciye bugufi cane! Ntiryari rimubereye. Ntiryari riteyeimbere nk'uko bikwiye. «Uruhongore?» Mbeg'ibintu bibi! Umuntu nk'uyu atigeze aja kw'ishuren'umusi n'umwe? Ivyo sinshobora kuvyemera! Si Mesiya. Umuntu arekabakamugunda bakamwita Mesiya? Umuntu areka bakamupfuka mu maso mazebakamukubita mu mutwe! Hanyuma agaca yiyita uwuvugishwa n'Imana!Uwuvugishwa n'Imana w'ukuri yoca ahagurutsa... » Ntibamenye abavugishwa n'Imana. Ni Yesu yabivuze ati : « Iyo mubamwaramenye abavugishwa n'Imana, mwari kumenya nanje! »

64 Ubu rero nimumenye ibi : Igihe Ijambo ryaza kuri we, vyagenze nk'ukoImana yari yarabimenyesheje. We yavyiyumviriye ukundi. Ubu ndiko ndavugaUmugeni, Umugeni w'Umuyudakazi, Umugeni w'Umwisirayelikazi. Ubwambere yari Eva. Hanyuma igihe Ijambo ryaza, ntiyarishatse, yashatse kugumanan'igisubirizi caryo. Gurtyo kuri Pentekote, Imana yasezeraniye Eva wo mu buryobw'impwemu maze ibimuburira imbere y'uko ivyo bishika (imyaka 400 imberey'uko Ishengero rigwa) ko azogwa maze agakora neza na neza nk'ivyo yakoze.Ariko yasezeranye ko mu misi ya nyuma azorungika ukundi gusha Ijambo.

65 Yesu yavuze nk'ivyo nyene igihe yari kw'isi. Yavuze ko azokwongerakurungika Ijambo, none rizosanga bimeze gute? Rizobisanga biri nk'ukoryabisanze mu gihe c'ukuza kwiwe kwa mbere. Ni ukuri. Bakunda ivyobarisubirije, bakunda amadini yabo, bakunda nemera zabo, bashaka kubahouko bishakiye kandi bashaka... « Erega ndi kanaka... ndi uwo muri uyu mugwicanke uriya.» Uko Imana ikora n'ingene yiyerekana ntaco bibabwiye.Irashobora kuzura amabuye, guhishura amabanga yo mu mitima, gukora ivyo Bibiliya ivuga ko izokora vyose, ivyo vyose nta co bihindura kuri bo : « Nambaivyo bidahuje n'ivyo idini ryanje rivuga, ni uko rero ivyo nta na kimwe bimaze.»118. Ni ko biri no kuri wa Mugeni w'Umwisirayelikazi. Ni ivy'ukuri! Bumviyeivyo barisubirije kandi Imana yari yabasezeraniye ikintu c'ukuri. Maze igiheikintu c'ukuri caza, ntibagishatse namba : kuri bo cari giciye bugufi cane.

66 N'uno musi ni ko biri. Ivyo nivyamara kuba, Imana yavuze muri Malaki 4ko izorungika mu misi ya nyuma Ubutumwa buzoshumbusha. Yoweli avuga ati: « Nzobashumbusha iyo myaka yose... » Ivyo Roma yasanganguye vyose,ivyo vyose aba Metodiste, ababatiste basanganguye kuri iryo shamiry'inkomoko ryo kuri Pentekote, Imana ivuga iti : « Nzobishumbusha mumisi ya nyuma » Ni ko biri.120. Abantu Imana yamye irungikira Ijambo ryayo bamye ari abavugishwan'Imana bonyene, atari abaringaniza ukundi gusha ivy'ugusenga. Niabavugishwa na Yo. Ariko igihe cavyo nticari bwagere. Ubu rero kigira gishike.Ni co gituma tuvyiteze. Ariko azoba ari umuntu aciye bugufi kandi atekereje.

67 Oo, bene Data, mwibaza ko abanyacubahiro b'abametodiste, n'ababatiste,n'abaperesibiteriyano, n'abapentekote bazokwigera bamwakira? Mwovuga muti: « Gute, n'abapentekote n'abo?» Abapentekote ni Abanyalawodikiya : Baratunze kandi ntaco bakenye. Handitswe ngo : « Ntimuzi ko muri aboro.» Murashobora kwubaka amazumaremare aciye amamiliyoni y'amadolare, ivyo ntibibuza ko muba aboro,aboro mu buryo bw' impwemu! Mwovuga muti : « Oh, vyose ndabibona neza.» Muri impumyi. Muravuga muti : « Emwe, Imana ishimwe, ndambaye! » Oya! Muri amenya!... Muravuga muti : « Kandi yamara turigisha abasore bacumu maseminari »... ariko ntimubizi!123. Ni igihushane koko! Bibiliya ivuga ko Ishengero rya Lawodikiya ari korizoba rimeze kandi nta muntu n'umwe kw'isi yoshobora guhakana ko iki giheari ica nyuma, kuko igihe c'Ishengero rya Lawodikiya ari igihe c'Ishengerokigira indwi kandi ni co turimwo. Ikimpumbi ca kabiri kirarangiye. Nta bindibihe vy'Ishengero bisigaye. Ni co gituma mudashobora gutangura irindi dini, mwebwe bene Data bomu gihe c' imvura y'urushana, nta rindi mushobora gutangura. Ni ukuri. Turikw'iherezo. Amen! Ntihashobora kubaho ibindi bihe vy'Ishengero. Vyose vyarangiye.

68 Gurtyo rero, Ubutumwa bwahawe Pentekote bwabaye Ubutumwa bwanyuma; bwaciye buzana umubatizo wa Mpwemu Yera uza inyumay'ugutsindanishirizwa n'ukwezwa. Ubwo butumwa bw'ibihe bitatu vya nyumavy'Ishengero, uko ari butatu bugize ukuvuka gushitse. Ni uko nyene bimezeigihe umugore agira yibaruke. Mu vy'ukuri ikintu kiza ubwa mbere ni amazi,hagakurikira amaraso, hanyuma hakaza ubuzima. Igihe Yesu yabambwa hariikintu caciye kiva mu mubiri wiwe kugira ngo ukuvuka kube. Urubavu rwiwerwaracumiswe : havuyemwo amaraso n'amazi maze aca ara«»semerera ati: «Mumaboko yawe ni ho nshize ubugingo bwanje!» Mu mubiri wiwe havuyemwoamazi, amaraso n'impwemu (1 Yohana 5 : 7 irabivuga)

69 Mw'Ijuru hari ibintu bitatu bishinga intahe : Data, Ijambo (ari ryo Kristo)na Mpwemu Yera. Kandi ivyo bitatu bihuriza hamwe. Nshaka kuvuga ko ivyobitatu ari kimwe. Kandi bitatu bishinga intahe kw'isi ni : amazi, amaraso naMpwemu, kandi bihuriza hamwe mu gushinga intahe. (1 Yohana 5 : 7) Murashobora kwezwa mutaratsindanishirizwa, kandi murashoboragutsindanishirizwa mutarezwa. Murashobora kwezwa ntimuronke MpwemuYera. Ni ko biri. Muri Yohana 17 : 18, intumwa zarejejwe maze zironkaububasha bwo gusenda amadayimoni, ariko ntibari bafise Mpwemu Yera.Vyabasavye gushika ku musi wa Pentekote barindiriye ukuza kwa MpwemuYera. Aho ni ho Yuda yagaragarije ico ari. Murabona ukuntu iyo mpwemuyabandanije igaca mu gutsindanishirizwa no mu kwezwa, ariko igihe yashikakw'iherezo yaciye igaragaza ico yari iri. Ni ukuri!

70 Ni murabe ko ubu turi mu gihe ca nyuma. Umugeni w'Umwisirayelikaziyahawe isezerano ko Ijambo rizongera kuza, kandi nk'uko Umugeni wo muburyo bwa mpwemu wo ku musi wa Pentekote igihe yagwira i Nikaya, yaciyeasezeranirwa ko mu misi ya nyuma Ijambo rizokwongera kuza. Namba mushakauwundi murongo wo mu Vyanditswe, fata Ivyahishuriwe Yohana 10 : 7.Havugwa ngo : «... Ariko mu misi y'Ijwi ry'umumarayika w'indwi(Umumarayika wa nyuma, intumwa igira indwi), ah'azoba agire avuze inzambaniho ibanga ry'Imana rizoba riheraherejwe » Murabona? Ni ugushumbushwa, ukugarukanwa kw'Ijambo. Bibiliya ivuga ko iyontumwa yo mu misi ya nyuma izobagarukana ku kwizera kw'inkomoko, kukwizera kwa ba Se. None muribaza ko bazovyakira? Oya! Muri Malaki 4havugwa ko mu misi ya nyuma izoshumbusha rya Jambo ry'inkomoko iryo ryariryaravuyeko rikagwa. Iryo Jambo ryariviriyemwo i Nikaya, Eva na we yariviriyemwo muri ryaTongo rya Edeni. Uwo Mugeni w'Umwisirayelikazi iryiwe yaritereye iKaruvariyo kandi umugwi w'i Nikaya urita gurtyo nyene mu misi ya nyuma. Oh, bene Data! Igihe Ijambo ryaza ryambaye umubiri w'inyama, Eva we,Ishengero rya Isirayeli, nyina w'abo bose baronse Ubugingo bwo mu buryobw'impwemu, yararitaye. Yari yarapfiriye rwose mu migenzo yiwen'imitegekere yiwe ku buryo ataryakiriye. Uwun'uno musi akora nk'uko nyene.Gurtyo nyene.

71 Ntibamumenye, we Jambo Rizima ryagaragajwe mu mubiri biciyemw'Ijambo ryari ryarasezeranywe, Ijambo ryari ryarasezeranye gukoraivyo bintu. Isezerano ryaratanzwe kandi bizoba gurtyo nyene mu misi yanyuma. « Nk'uko vyari biri mu misi ya Sodomu ni ko bizoba ku kuzakw'Umwana w'Umuntu. » Raba ivyabaye i Sodomu. «Nk'uko vyari biri mumisi ya Nowa, ni ko bizoba ku kuza kw'Umwana w'Umuntu.» Nimurabeivyashitse ico gihe. Murabibona? Yavuze ko bizoba uko nyene kandi turi muriico gihe. Murabibona? Ku vyerekeye iryo sezerano ndibaza ko noshoborakuronka bitangoye imirongo 600 ijanye n'ico kintu co mu Vyanditswe; arikobararitaye.132. Ryumiye ku migenzo yaryo, ku co barisubirije. Ryishimikije amarasoy'igisubirizi aho gufata Amaraso nyakuri. Igihe Yesu ari We Jamboyagaragara... kuko ryari rishimikiye ku migenzo yaryo, Yesu ari We Jamboryagaragaye; yabwiye Umugeni w'Umwisirayelikazi ati : «Kuko mwumiyeku migenzo yanyu, muhindura ubusa Ijambo ry'Imana kuri mwebwe.»Ntirishobora kugira ubushobozi.

72 Raba igituma ivyitwa amakanguro dufise uno musi ari amakanguro yo mumadini gusa! Ntitwigeze turonka ikanguro ry'ukuri! Eka haba namba! Ntimujekwibaza ko twaronse amakanguro, si ay'ukuri! Oh, amadini afise amamiliyoni,amamiliyoni n'amamiliyoni y'abanywanyi b'ishengero, ariko nta na hamwe hariikanguro. Umugeni ntaranakaronka ikanguro. Nta kanguro riraba, ntakugaragara na kumwe kw'Imana kurabaho kunyiganyiza Umugeni.Murabibona? Ni co turindiriye! Kugira yikangure hakwiye kubaho yamituragaro ndwi itazwi iri hariya inyuma. Izoyirungika. Yarabisezeranye!Ni mube maso! Ariko Yari yarapfuye.

73 Iyaba amashengero yoshoboye kwibagira za nemera zabo n'imitegekere yabomaze ntibafate ikindi atari Bibiliya mu gutakamba kugira ahabweicasezeranywe, aho rero ivyo vyobagiriye akamaro. Ariko, murabona ko Yesuyavuze ati : «Mwebwe, n'imigenzo yanyu, mutuma Ijambo ritagira ubushobozikuri mwebwe. » Nuko, ni ko bimeze uno musi kuri Eva wo mu buryobw'impwemu! Umugeni wo mu buryo bw'impwemu wo muri kino gihe, uwiyitaishengero, afata Ijambo ry'Imana ariko ntashaka kuryemera. Mu kibanza caryo yemera imitegekere. Ni co gituma Ijambo ritagira Ubushobozi kuri we; kukoageragezа kwinjiza za nemera ziwe mw'Ijambo, kandi ivyo ntibijana!

74 Ndakunda gusoma igitabo citwa Integuza y'Ukuza kwiwe. Hama harihoamajambo y'umutwe avuga ngo : « N'UBU TURAKENEYEUWUVUGISHWA N'IMANA, N'UBU TURAKENEYE UWUVUGISHWAN'IMANA» Ariko igihe azozira ndibaza ko batazomumenya! Ni ivy'ukuri. Ivyoni ko vyamye bigenda. Nta bindi muvuga atari ivyo gusa ngo : «Turakeneye kouwuvugishwa n'Imana afise umwete yongera kuza azanye Ijambo ry'Umwamiata bwoba. Turizera ko Bibiliya yabisezeranye.» Ndazi mwene Data Moore Umwanditsi n'abandi. Narafunguye iwe. Niumwe mu bantu beza noba nzi baba kw'isi. Kandi, murabona, arazi kodutegerezwa kuronka ivyo. Kandi umugore wa Moore ni umugore ameze neza.Ese ukuntu bompi bitanga! Ca kinyamakuru «Integuza y'Ukuza kwiwe» ku vyonzi ni kimwe mu bimenyeshamakuru bihambaye bikwiragiza Ubutumwa. Arikomurabona ko babandanya bavuga bati : «TURAKENEYE UWUVUGISHWAN'IMANA, N'UBU TURAKENEYE UWUVUGISHWA N'IMANA!»Murabibona? Oh, bene Data, nta bindi bavuga atari ivyo!

75 Raba aho tugeze uno musi. Ejo n'uno musi, batangaje kw'iradiyo ko mumashengero y'ababatiste n'abandi bategetse ko ata kubana n'abakatolika arikobakagiriranira ubwoko bw'isangira ry'abavukanyi! Kandi aha nyeneubutumwa bwaravuzwe butubwira kuja kure y'ubwo burozi! « Mbegababiri bojana bataraganye? » Amosi 3 . Nta gufatanya gushobora kuba hagati y'umuco n'umwiza. Igihe umucouje, umwiza uragenda. Umuco ni wo uhambaye cane. Ntimushobora gukurahoUmuco mukoresheje umwiza ariko murashobora kwirukana umwizamukoresheje umuco! N'ukuri. Kandi ni We Muco, kandi ni We Jambo. Ni kobiri! Twagarutse ku vyo twahereyeko. Ntimushobora kuwugira umubeshi cankengo muwukoreshe ikinyoma. Tuzoguma tugaruka aho hantu. Koko.

76 Ni co kimwe n'igihe umuntu kanaka atanguye kubabwira ibintu. Iyo muziaho muhagaze kandi muzi ivyo yizera... Ni nk'iyo murekuriye agakwavu murugo mumaze kukazibirira aho koca hose. Muhagarare ku muryango :Gategerezwa kuhagaruka kuko ari yo nzira yonyene gashobora gucamwo mugusohoka. Kazocisha umutwe wako hirya no hino ku buryo gahakwa kumenekaumutwe kandi kazorondera hose.

Guma aho kandi mukihweze; muzobonakagarutse vuba : Nta yindi nzira iriho. Nimwumire kw'Ijambo! Murashobora gutangaza za nemera zanyu zosegushika aho ijwi rigenda kandi mukavunika izosi murondera hose, birakwiyeneza na neza ko mugaruka kuri iri Jambo.

77 Ariko ntibarishaka. Ntibashaka Ijambo ry'Imana. Kuko uwo Eva yariyumiye ku migenzo yiwe, Ijambo ry'Imana ryabaye ubusa kuri we. Ni nakobimeze n'uno musi kuri Eva wo mu buryo bw'impwemu. Ashima kugumyaimigenzo yiwe maze akaja kure y'Ijambo ry'Imana. Aho kwakira Ijambory'Imana ashima cane amadini na za nemera zayo n'imigenzo y'aba kera.Kandi igihe azohabwa ivyo yasezeraniwe biri mw'Ijambo mu misi yanyuma, ntazovyakira kuko afise imigenzo yiwe nka wa mugeniw'Umwisirayelikazi. N'ubwo Ijambo ry'ukuri ryerekanywe, rikagaragazwarigashingirwa intahe, ntarishaka! Ni kuki atarishaka? Ni uko ako ari kokamere kiwe. Kandi vyari vyarabuwe yuko azokora gurtyo. None muzobigenzagute kugira mwitandukanye n'ivyo vyose? Ikintu kimwe co gukora n'ukunezerererwa n'uko mwinjiye. Nta bindi.Ivyo nimuvyitege! Imana yarasezeranye ko mu misi ya nyuma izomugaragarizakandi ikamwemeza Ijambo ryiwe, ariko ko atazokunda kuryakira. Ivyo vyose,Imana yarabimusezeraniye ibicishije ku basavyi bayo, abo ivugisha. Imanayasezeranye ibicishije muri Yesu Kristo, Imana yasezeranye ibicishije muriYoweli, Imana yasezeranye ibicishije muri Paulo, Imana yasezeranye ibicishijemuri Malaki, Imana yasezeranye ibicishije mu ntumwa Yohana (Bose bariabavugishwa na Yo), ubuzomubera ubutumwa bwa nyuma uko buzoba bumeze.

78 Ng'iyi imirongo namba mushaka kuyandika (murayizi yose nta nkeka) : Yesu : Yohana 14 : 12 Yoweli : Yoweli 2 : 25Paulo : II Timoteyo 3 Malaki : Malaki 4 Yohana : Ivyahishuriwe Yohana 10 : 7 Neza na neza ni vyo bitegerezwa gushika muri iki gihe. Nonekw'ishengero bimeze gute ? Ijambo ryihinduye umuntu rikambara umubiririkongera kuza mu bantu bayo ; ariko ntibavyizera !

79 Murazi ivyo Yesu yavuze igihe yakorera ivyo bitangaza imbere yabo kandiakagaragaza ko yari Imana ? Yagaragaje ko ivyo yariko arakora yari yabikozeneza nk'uko yategerezwa kubikora. Yababwiye ati : «Nawe, Kaperenawumu,wishize hejuru gushika kw'ijuru, ibikorwa bikomeye vyakorewe muri wewe, iyobiba vyarakorewe muri Sodomu, hobaye hakiriho gushika uno musi.» Ni ivy'ukuri I Kaperenawumu, nta kindi yahakoreye atari ugukiza abantu bakeyan'uguhishura amabanga yari mu mitima yabo, hanyuma aca avayo. Nta bindi !Murabona, ntibazi ico ari co ibikorwa bihambaye. Bibaza ko hategerezwa kubainteguro zihambaye : abantu bose bagahaguruka, umucamanza agashikirizaIjambo, bakavuza ibicurarangisho, amabendera agahungabana, abagorebambaye neza bakinjirana ivyubahiro n'abanyabwenge bakuru n'abizetewolojiya bambaye inkofero ndende n'amashati afise amakoro ahinduriye,n'ibindi ; bakaza bose : ni ibintu bihambaye ! Ariko Imana ivuga iti : « Ivyovyose ni ubusazi ! »

80 Ihagurutsa umuntu ata co amaze azi gusa gusoma n'ukwandika maze uwomuntu agakora ikintu catsa umuriro mw'ishengero ry'ukuri ryose, abandibakavuga bati : « Ni akagwi k'abasazi gusa ! » Ivyo Imana ivyita ibihambaye,ab'isi nabo bakavyita ubusazi. Ariko ivyo ab'isi bita ibikomeye, Imana ivyitaubusazi. Murabona, bihushanye neza na neza n'ivyo twiyumvira. Kandi ibintuImana yasezeranye, Imana izobikora kandi yarabikoze. Aho ni ho tugeze.

81 Gurtyo rero Eva w'Umwisirayelikazi yagumye uko yari ari. Ntiyashatsekubikora. N'aho mwari kuzura abapfuye, n'aho mwari kubona Mpwemuw'Imana. Yesu yaraje maze yemeza ko yari Umwana w'Imana. Yatanguriye kukuvuga Ubutumwa. Abantu baca bibaza bati : « Ehe ! Mbega umuntuw'akajoreza, ivyo ari vyo vyose ni nde ? »151. Mu vy'ukuri abantu bavuga ivyo bari baramaze kuvuga igihe c'ukuzakw'integuza yiwe ari we Yohana, bati : « Uri Mesiya ? »152. Yohana aravuga ati : « Oya ! Ariko ahagaze muri mwebwe. »Murabibona? Kubera iki ivyo? Ni kubera ko yari azi ico azokora ubutumwabwiwe bumaze kuvugwa. Yari azi ico azokora.

82 Ni nka Nowa igihe yihweza Henoki. Uyo amaze kwitahira, Nowa yaciyeavuga ati : «Vyoba vyiza twegereye ubwato. Igihe kiri hafi.» Nowa yarihweza Henoki ; Yohana yarereka araba ikimenyetso Imana yari yamubwiye kugumayihweza. Aravuga ati : «Ubu ari hagati muri mwebwe. Sindamuzi, arikonzomumenya!» Igihe yari ahagaze aho baravuze bati : « Nturi Mesiya? Twarungitswen'icicaro gikuru cacu. Abakuru n'abandi baturungitse ngaha. Namba uri Mesiyakubera iki uguma hagati y'aka kagwi k'abantu ata co bamaze aho kuza i wacungo bakumenye? « Ingo tujane maze bakumenye!» Aravuga ati : « Si ndi Mesiya. » Arongera aravuga ati : « Ndi ijwiry'uwusemerera mu bugaragwa.156. Ivyo vyabaciye inyuma y'amatwi. Ivyo nta kintu na kimwe bari babiziko.Yamara bose bari biteze ukuza kwa Mesiya, ariko ntiyari gushobora kubaumuntu nk'uwo ! Oh, bene Data ! Ivyo vyari kuba ibikomeye !«Uhejeje ishure irihe ? »« Nta na rimwe »«Urafise ikarata y'umunywanyi ? »

83 Vyari ibiki ? Yari uwo Imana yarobanuje amavuta ! Aravuga ati : «Ehe icomfise novuga n'uko incabiti igenekerejwe ku bitsina vy'ibiti. » Ni vyo vyonyeneyari afise. Yavuga imvugo y'abicira ibiti atari iy'umunyetewolojiya. Yavugainzoka, incabiti, ibiti n'ibindi. Ntiyakoresha amajambo ya Ekleziya, arikoYesu avuga ko hatigeze kubaho uwuvugishwa n'Imana angana na we,kugeza ico gihe, hatigeze habaho umuntu angana na we yavyawe n'umugore.Ni ivy'ukuri.158. Yaruta uwuvugishwa n'Imana ; yari intumwa y'isezerano, ahagaze neza naneza hagati y'amasezerano abiri [Isezerano rya kera n'Isezerano Risha - U]. Nico gituma yaruta uwuvugishwa n'Imana. Yari ahagaze ngaho arikontibamumenye na mba.

Ntibamutahuye. Yari umuntu n'ivyiwe bitumvikana, nico gituma batamumenye.

84 Igihe Yesu yaza nta gukekeranya ko batemeye uwo mwana w'umubaji(Nta we twari kumugereranya). Mbere yavugwa nabi ngo yari umwanaw'ikivyarwa ! Ntibari kuja kuraba umuntu nk'uwo !160. Ariko raba ico Imana yakoze. Yaciye ifata abarovyi batize, abicira ibiti,aborozi n'abamaraya maze arekera abanyacubahiro mu vyicaro vyabo. Kuberaiki yakoze ivyo ? Kubera iki yakoze ikintu nk'ico ? (Twoshobora kwibaza ikintunk'ico ?) Kuko abo bantu bamumenye ko ari We Jambo.

85 Turabe ivyabo umunota umwe. Raba umurovyi w'umusaza ata co azi. Atazi mbere kwandika n'izina ryiwe. Bibiliya ivuga ko ata co yari azi kandi atariyarize. Yazanye ifi ziwe, azitereka hasi maze aja kuraba ico iyo nduru yoseyavako. Ariko mu mutima wiwe yari azi ko Bibiliya yavuze ko Mesiya…Abaheburayo bose bari biteze ukuza kwa Mesiya kuko igihe azozira ikintugihuje n'Ivyanditswe cotegerejwe gushika.

86 Ba Mesiya benshi bari baraje, bavuga bati : «Ni jewe !» Maze bacabikwegerako abantu amajana n'amajana baraheza bapfana na bo. Kandimurabona ko ivyo vyose vyashitse kugira ngo Mesiya w'ukuri azoshiburwe ni yaza. Twararonse ya mitamana na ya mpwemu ya Eliya n'ibindi vyose ; arikoivyo nta kindi bikora atari gushibura ikintu c'ukuri iyo gishitse. Ni ivy'ukuri !Abantu bose bambaye ayo makanzu n'izo mpuzu bahambwe bambaye ivyobihuzu bishaje. Ivyo nta kindi bikora atari kuduha icemezo. Ni nk'idolareyiganywe, bitwereka ko hategerezwa kuba hariho iy'ukuri ahantu hamwe, iyomushoboye kuyitora. Ehe rero uwo Mesiya araje. Nuko abo banyacubahirobarasohotse kandi bari bumiye ku bisubirizi gushika aho bavuga bati : « Emwe,Mesiya aramutse aje, nta nkeka azoshikira kwa Kayafa. Azoshikira mw'idiniryacu. Azoshikira mu Bafarisayo.» Abasadukayo bama bavuga bati : « Ivyo ni vyo mwebwe mwiyumvira,ariko azoshikira mu Basadukayo.»

87 N'uyu musi ni ko biyumvira. Ariko igihe yaza, ivyo vyabaye mu buryobutamenyerewe. Yaraje, oh, mu buryo butandukanye rwose n'ivyo bibaza, arikoyaje nk'uko Ijambo rivuga, ariko bo ntibari bazi Ijambo.165. Ndeka ndababwire mu buryo butomoye ku buryo bibanyengetera neza.Nashaka ko ivyo tubitahura neza : «UYU MUSI NG'IKI IKITAGENDANEZA MURI MWEBWE : NTIMUZI IJAMBO !»166. Yesu yavuze ati : « Murazi kugenzura ijuru uko risa, arikw'ibimenyetsovy'ibihe ntimuzi kubigenzura. » (Matayo 16 : 3) Bama bavuga bati : « Turafise Mose…» Yesu aca avuga ati : « Iyo muba mwaramenye Mose, na jewe mubamwaramenye.» Ntibari bazi Mose, ni co gituma batamumenye. Nta kindi baribazi atari za nemera bikoreye.

88 Turabe ubu uwo murovyi w'intore. Yashize hasi igisimbo ciwe acaasokoresha intoke ubwanwa bwiwe bwarimwo imvi maze aca agendayo ati :«Ngira ngende kuraba uwo ari we.» Mwene se aravuga ati : « Tujeyo ! Ni wa wundi nyene ! Ni we twabonyewa munsi. Namaranye na we ijoro ryose. Urazi ko jewe na Yohanatwamukubwiye.» « Ah! uwo munyeshamba ? Ego, narumvise bamuvuga hariya. Ni yo nariharaheze amazi abiri canke atatu. » Aca arabandanya, avuga ati : «Umusi umwe aho yari hariya yaravuze ibintubitumvikana : Ehe nguyo araje ubu nyene ! Baramwishura bati : Umuzi gute? Araraba maze abona umuntu asanzwe. Aravuga ati : Mbona Mpwemu w'Imanaaza kuri We asa n'inuma. Numva ijwi rivuga riti : Ni We. Uyu n'umwana wanjenkunda, uwo nezerererwa kubamwo. Nuko Yohana yinjirana mu mazi na Wearamubatiza. Yari yaravuze ko amuzi. » «Oh, Simoni aravuga ati : sinzi. Narumvise bamuvuga kenshi cane.» Mazeaca agendayo. Mu mutima wiwe hari harimwo urubuto rwatoranijwe. Ni Yesuyabivuze. Ni ukuri. Gurtyo aca atumbera iyo ari avuga ati : «Ngira nje mugikorane kwirabira »

89 Yaciye ajayo. Yesu ni ho yari ari; yari umuntu asanzwe. Aca agendaamutumbereye maze Yesu aramubwira ati : « Izina ryawe ni Simoni kandi izinarya so ni Yona. » Ivyo vyaramukozeko. Kubera iki? Kari akabuto gafiseubugingo budashira kari kakozweko. Nta gukekeranya. « Akanya gato! Bishoboka gute? Ntiwari bwigere umbona, ntiwigezeumenya data kuko haheze imyaka myinshi apfuye! Ehe uraje uca umbwira ivyobintu. Ariko ndazi ko Bibiliya ivuga ko... » (Ntitwitwararike ivyo imigenzoivuga) «...Bibiliya ivuga ko Mesiya azoba ari uvugishwa n'Imana. Ng'Uyo. NiWe.»

90 Umunsi umwe yariko ararengana aca i Samariya ari kumwe n'umugwiw'Abayuda. Mu mwanya abo atari ho bari bari, uwo mugore yari azwi nabi acaaraza. Oh, murazi, kumbure ko yoba yari umugore mwiza. Yari yatawemw'ibarabara kuva mu buto bwiwe kandi yari yagumyeyo. Kumbure yari afiseiciyumviro mu mutwe wiwe. Arashika kw'iriba, atereka umubindi wiwe mazeatangura kuzungurutsa umukono kugira avome amazi, nuko aca yumva umuntuamubwira ati : «Mpa utwo kunywa!» Aca araba i ruhande yiwe maze abonaUmuyuda w'imyaka igereranye yicaye aho. Aravuga ati : « Nturi umuyuda? Ntiwategerezwa gukora ivyo.Ntibimenyerewe kuvugana n'Umuyuda, jewe ndi umusamariyakazi.» Aramwishura ati : « Iyo uba wari uzi uwo muriko muravugana ni we warigusaba amazi. » Uwo mugore aramwishura ati : « Umubindi wawe uri he? Umugozi waweuri he? Aravuga ati : « Amazi jewe ntanga, ni Ubugingo. » «Amaki?» Iki? Mwebwe mwese mushaka gusengera i Yerusalemu! BaSogokuru basengera kuri ... » « Aravuga ati ni ukuri, twebwe Abayuda turazi ico dusenga, ariko igihekiraje aho umuntu atazoba agisengera i Yerusalemu, canke kuri uyu musozi.Bazosengera Imana muri Mpwemu, kuko ari Impwemu. Bazoyisengera muMpwemu no mu kuri. » Nuko aca atangura kwiga ico kintu. Aramubwira ati : « Genda uhamagareumugabo wawe uheze ugaruke ino. Uwo mugore aramwishura ati : Umugabowanje? Nta mugabo mfise. » « Aravuga ati, N'ukuri, wagize abagabo batanu kandi ubu ugeze ku wugiragatandatu. »

Arongera avuga ati : « Wari ufise abagabo batanu. Wavuze ukuri. »

91 Raba neza! Vyari ibiki none? Umuco wakoze kuri urwo rubuto rwaringaho, urwo Imana yari yahamagaye. Nta gukekeranya. Urubuto rwarimw'ivu. Igihe Imana yarukurako amazi maze izuba rikarwakira rwaciyerusohoka. Ni ukuri. Ico rwari rukeneye conyene ryari izuba. Rwari rukeneyeumuco. Nta gukekeranya.186. Hanyuma igihe Mpwemu Yera yari muri We yagaragaza ubuzima bwiwebwo muri kahise kandi akabumwereka, uwo Muco waciye umukorako. Uwomugore aravuga ati : «Mwami, ndabona ko uri uwuvugishwa n'Imana. Ndazi koigihe Mesiya azozira azokora ivyo bintu. Haraciye imyaka amajana n'amajanaata wuvugishwa n'Imana w'ukuri dufise.» Arongera ati : «Wambwiyeivy'umugabo wanje, wambwiye abo naronse uko bangana, n'ibindi. Ivyosindabitahura ariko ndazi ko igihe Mesiya azozira, aho rero, uko ni ko ivyobizogenda. Ariko wewe, uri nde?»187. Aravuga ati : «Ndi We.» Vyari ivyo! Kuri Maraya!

92 Kandi abaherezi barikobarabitegereza (bategerezwa guha icegeranyo amakoraniro yabo) bavuga bati :«Ntimute umwanya wanyu kuri uwo muntu. Arimwo dayimoni.» Raba itandukaniro! Ni ko biri n'uno munsi. Ni nako bimeze uno musi.Ivyo birahuye neza! Namba yaramenye ivyo, ni kubera ko umuco wari wakozekuri urwo rubuto. Abarovyi, abicira ibiti, abanyarutoki, abatozakori, ba maraya, abobose bamubonyeko ivyo Ivyanditswe biciye bugufi vyari vyaravuze koazokora. Ariko abafarisayo nta na kimwe bashobora kubonakubw'imigenzo yabo. Nta na kimwe bashoboye kubona kubera imigenzo yabo,mu gihe ba maraya, abanyarutoki n'abandi bose bamubona. Abari baratoranijwebose, igihe ugukekeranya kwabo kwakurwaho, urubuto rw'ukuri rwaciyerutangura gukura muri bo. Ni ukuri.

93 Uwo mugore yaciye akora iki? Yoba yaciye yagarukirije kuvuga ngo :«Emwe, Ndanezerewe cane no kuba nahuye na Mesiya » ? Oh, oya! Yaciyeyiruka ningoga na ningoga, mu gisagara. Ntiyari acibaza ivy'amazi yiwe! Uwomugore aravuga ati : « Nimuze murabe umuntu yambwiye ivyo nakoze vyose!Ivyanditswe ntibivuga ko ari vyo nyene Mesiya azokora? S'ivyo nyene? Mazeabantu baca babona ivyo bintu Yesu Kristo yari yaravuze muri Yohana 14 : 12vyongera gushika. »191. Yarongeye abivuga muri Luka ati : « Nk'uko vyari biri mu gihe ca Nowa...». Nk'uko Imana yari yariyerekaniye mu muntu kandi yari yaravuze uwariinyuma yayo n'ivyo Sara yariko arakora (yariko aratwengera mw'Ihema),imirongo yose yo mu Vyanditswe, Malaki n'iyindi, yari yabibuye mu misi yanyuma. Malaki 4 hatubwira igihe Ijambo rizogarukira kandi ko rizokwongerakuza riciye ku muntu. Abaheburayo 4 havuga ko Ijambo ry'Imana risuzuma ibirimu mitima y'abantu; barashobora kubona ivyo bintu bishika, ariko bakabiteraibitugu hakiri kare. Imigenzo yabo irabibahisha kandi igahindura ubusaIjambo. Raba aho tugeze! Nta bindi.

94 Murazi, arashobora gukora ivyo bintu nyene uno musi. Azoca atanguragukora kandi akore ibisa na vyo... Ni uwatumwe kuri Lawodikiya ategerezwakubishitsa; aho rero namba Ishengero rya Lawodikiya ribona ivyo, rizokora nezana neza nk'uko Ishengero, ry'Abisirayeli ryakoze ku ntango. N'aho Ijamboryogaragazwa gute, azobikora uko biri kwose. Oh, bene Data! Yavuze ko Umugeni azogaruka kw'Ijambo ry'inkomoko kandi koazogeragezwa nk'uko ivyo vyasezeranywe kugira ngo isubizeho ukwizera, arikwo kwizera kw'inkomoko. Mu gukora ivyo bintu yarerekanye ko iba hagati mubantu bayo. Ariko n'ubwo ifoto yiwe yafashwe kandi ikemezwan'ubushakashatsi n'ubu babandanya kutavyizera. Iyo Nkingi y'umuriro yama ariya yindi ejo, uno musi no mu bihe bitazoshira (Abaheburayo 13 : 8), nahokamera yafashe isanamu yayo, n'aho ivyo vyose vyokwemezwan'ubushakashatsi co kimwe no mu buryo bw'impwemu canke bikemezwa mubundi buryo, ivyo vyaremejwe, ariko murazi ko bishoboka ko batokora ukonyene. Birashoboka ko bazobica kure bagakora ivyo bamye bakora.

95 Oo Mana yacu, ni udufashe. Tugira duhagarikire hano. O Mana, dufashetubone neza ko ubu tuhashitse, ni ryo sengesho ryanje, kuko ntashakakubagumya umwanya munini. O Mana, dufashe ngo tubone : Ndizera koMpwemu ari kuri twebwe muri aka kanya kandi ko aja kudufasha kumena ikikimatanije ca Gitabo. Dusome rero, kugira tubone uko ishengero rimeze. Turabona uko ryari riri,ivyo ryakoze, ivyategerezwa gushika : Tubisanga muri ryo kandi turabonan'ivyo ryategerezwa gukora. Ni vyo nyene ryakoze. Ubu, murabona aho tugeze?Nimuvyirabire mwebwe nyene! Jewe nta co nshobora kubivugako. Ico njejweconyene ni ukuzana iri Jambo. Nk'uko narihawe, ndashobora kuribashikiriza.Igihe cose ntararihabwa, sinshobora kuribashikiriza, nta n'uwundi abishoboye.« Kand'amenye ica gatatu kimatanije ca Gitabo, numva ikigira gatatu mubinyabugingo kiti Ngwino. Mbona ifarasi y'agafyiri : kand'uyicayekoyar'afise umunzane mu minwe. Numva hagati y'ivyo binyabugingo binenk'ijwi rivuga, rit'Ingero imwe y'ingano n'idenariyo - idenariyo,n'ingero zitatu za sayiri n'idenariyo - idenariyo : arikw'amavuta na vinontugire ico ubikorako.» (Ivyahishuriwe Yohana 6 : 5-6).

96 Ubu Umwagazi w'intama afise ca Gitabo mu kuboko kwiwe kandi arikoamena ibikimatanije. Yaramenye ica mbere, ica kabiri none ubu ariko aramenaica gatatu kimatanije ca Gitabo. Kandi mu gihe Umwagazi w'intama arikoamena ica gatatu kimatanije ca Gitabo, ikinyabugingo ca gatatu... Ni bangahemuri mwebwe bazi uko ikinyabugingo ca gatatu casa? Casa n'umuntu. Icambere casa n'intambwe, ica kabiri casa n'inyana canke n'imasa, ica gatatu naco gisa n'umuntu. Ni umuntu.197. Maze yumva ikinyabugingo gisa n'umuntu kibwira Yohana giti : « Ingourabe ivyo ari vyo. Ngwino urabe ivyo ari vyo. » Nuko arakimena, umuturagarouca uraturagara. Umwagazi w'intama ariko amena ibimatanije ca Gitabo.

97 Yohana aregereza rero kugira abone ivyo ari vyo. Yabonye iki? Yabonyeifarasi y'agafyiri, kandi uwayigenderako yari afise umunzane mu minwe yiwe.Ni co kintu ca mbere yabonye. Igihe Umwagazi w'intama yabivuga, yaciyeamena kimwe mu bimatanije ca Gitabo, hanyuma ikindi kinyabugingo...Nimurabe ukuntu ivyo binyabugingo bigenda bikurakuranwa bivuga biti :«Ngwino urabe.» Kumbure Yohana yaregereje nk'uku avuye ahantu yari ari, igiheUmwagazi w'intama yamena ico kimwe mu bimatanije ca Gitabo; yaregerejekandi nk'uko bisanzwe umuturagaro waraturagaye; nk'uko twabibonye murikimwe ca mbere mu bimatanije ca Gitabo. Ariko araraba ibiriko biraba mazeabanza kubona umuntu aje kw'ifarasi y'igitare; aramwitegereza maze amubonaayigenderako kuva agiseruka gushika arenganye. Yohana amubona agenderakw'ifarasi yiwe y'igitare : uyo agendera kw'ifarasi afise umuheto mu minweariko nta myampi afise. Hanyuma, murazi, ahabwa igitsibo maze arabandanya.

98 Hanyuma turabona ko agaruka. Umwagazi w'intama yugurura ica kabirikimatanije ca Gitabo kandi avuga ati : « Raba!» None raba haje ifarasi y'akagajo uwuriko ayigenderako afise inkota mu minwe. Aboneka muVyanditswe vyose uko bingana, afise inkota mu minwe. Aca atangura kwica nogukura amahoro mw'isi. Ubu Umwagazi w'intama amenye ikindi kimatanije ca Gitabo. Ikindikinyabugingo gisa n'umuntu giciye kivuga kiti : « Ngwino urabe. » Aregerejerero kugira ngo arabe ivyo ari vyo. Yegereje, haza uwugendera kw'ifarasiy'agafyiri.

99 Ejo ku mugoroba twarabonye ko uwagendera kw'ifarasi ibenjutse yari wawundi nyene yagendera kw'ifarasi y'igitare. Kandi ijwi ryari hagatiy'ibinyabugingo rirasemerera riti :«Ngwino urabe ivyo ari vyo! » Maze aca abona iyo farasi y'agafyiri maze reroijwi ryari hagati y'ibinyabugingo bine rirasemerera riti : « Ingero imwey'ingano n'idenariyo - idenariyo, n'ingero zitatu za sayiri n'idenariyo -idenariyo : arikw'amavuta na vino ntugire ic'ubikorako.»

100 Uwo yagendera kw'ifarasi; tumuvugeko. Mwarabonye uwo wa mbereyagendera kw'ifarasi uwo yari we; twarabonye ejo ku mugoroba ko nk'ukoIvyanditswe bivuga, uwugira kabiri yagendera kw'ifarasi yari neza na neza wamuntu nyene, uretse ko yariko agendera ku yindi farasi. Vyari vyagenze gute?Yari yahinduye igikorwa. Ni ivy'ukuri! Twarabonye ko yari Antikristo kandiko yari yahinduye gusa inyifato. Twarabonye ko igihe yagendera kw'ifarasiy'igitare, yahindutse inyigisho. Ubu turaja gufata umwe umwe muri abobagendera kw'ifarasi maze turabe aho ari mu Vyanditswe.

101 Ni murabe aho tugeze kuri uno mugoroba, murabe ikindi gihe c'Ishengerotugezemwo ubu. Ubu rero dushitse ku gihe c'Ishengero gisa neza na nezan'ifarasi igira gatatu. Igihe c'ishengero rya mbere cari ikihe? Ni ic'abanikolayiti bari bafiseinyigisho. Cari ica mbere. Ni uko. Ubwo nyene inyigisho y'abanikolayiti icairemezwa ko ari iy'ukuri maze ica ishirwa mu ngiro. Maze ico gihe ni ho uwomuntu aca yambikwa igitsibo. Hanyuma iyo mpwemu, impwemu ya Antikristo,ica yinjira mu muntu. Hanyuma turabona ko yahavuye inahinduka umurwaniziyambaye umubiri. Iyo dayimoni irasohoka maze umurwanizi nawe akinjira.

102 Kandi nk'uko ishengero rya Antikristo ritera rija imbere, Umugeni abandanya atera intambwe kuva muri kwa kuringaniza ukundi gusha ivyogusenga, mu gutsindanishirizwa, ukwezwa n'umubatizo wa Mpwemu Yeramaze akabandanya atera intambwe. Gusa, bo ni bo batanguye kuronka iryokanguro, ariko Ishengero rikaba ryabibonye kw'iherezo. Intambwe zitatu za mbere zicisha Ishengero mu gihe kiri hagati y'ikinjanaca gatanu n'ikinjana ca cumi na gatanu. Hanyuma muri izo ntambwe zitatuzikurikira, Ishengero rica mu gutsindanishirizwa, mu kwezwa no mu mubatizowa Mpwemu Yera, Imana yambaye Umubiri ubundi busha ikigaragaza muritwebwe.

103 Raba uwugendera kw'ifarasi aje ari Antikristo ari umuvugishwaw'ikinyoma, hanyuma ari igikoko, hanyuma haza igihe c'umwiza. Ishengerorirenganye ca gihe kiri hagati y'ikinjana ca gatanu n'ikinjana ca cumi nagatanu ryinjira mu gutsindanishirizwa, mu kwezwa, mu mubatizo waMpwemu Yera, Ijambo ryambaye Umubiri mu wizera, mu giheuwugendera kw'ifarasi amanutse. Aramanuka maze Ishengero rikaduga.Biratunganye bihebuje! Oh, ese ukuntu ari vyiza! Ivyo ndabikunda. Uwo agendera kw'ifarasi ni umwe ariko ari mu yindi ntambwe y'igikorwaciwe. Intambwe ya mbere, ni ifarasi y'igitare. Nta kindi yari ari atari umwigisha,umwigisha Antikristo gusa, yarwanya Ijambo ry'Imana. Mushobora kubaAntikristo gute? Uwanka wese kwemera ko Ijambo ryose ryo muri iyiBibiliya ari Ukuri kandi akanka ko bakumwigisha ni Antikristo kuberayuko ahakana Ijambo kandi Imana ari Yo Jambo.

104 Intambwe ya mbere, ifarasi y'igitare. Uwo agendera kw'ifarasi nta kindiyar'ari atari umwigisha, ariko hariho impwemu ya Antikristo mu nyigisho yiweno muri kamere yiwe. Nta co bamwagirije. Ivyo ntivyasa n'aho vyoshoborakuvamwo ikibi na gitoyi. Ng'uko ukuntu Satani anyengetera! Oh, ni ingunge! Yabwiye Eva ati : « Ndazi ko urondera ubwenge. Ntuzi gutandukanyaiciza n'ikibi. Iyo amaso yawe aba abona, wari kumenya ivyo ari vyo. Iki camwakirateye igomwe cane. Ni ciza, kibereye ijisho. Wari ukwiye kukiryako ubu.« Ntuzi ko ari ciza canke ko atari ciza.»« Oya? Sinzi, ariko Imana yavuze ngo ntutubikore.»« Erega ndabizi, ariko... »« Imana yavuze ko yokoze... »« Haba na mba ntazobikora!» Ivyo vyose yabivuga mu bwitonzi bwinshi.Ariko nimurabe icavuyemwo! Nimwihweze iyo Mpwemu ya Antikristo ingene yatanguriyemw'Ishengero rya mbere; yari inyigisho y'abanikolayiti : Niko : bisigurakwigarurira abanyeshengero kugira ngo babagire aberanda. Twifuza gusa ugufatanya kw'abavukana! Mwarashwiragiye irya n'ino. Ntan'umwe azi iyo abandi bari. Ndibaza ko twese twategerezwa kuba dufise

idini kandi tukagira itandukaniro ritoyi. Twategerezwa kuja hamwe. Twategerezwakurihindura ikigo.

105 Ng'ivyo ivyo ari vyo. Mu bisanzwe ikintu nk'ishengero ry'abakristory'Abametodiste ntikibaho! Si ishengero, ni ikigo. Ishengero ry'Ababatiste siishengero, ni ikigo. Hari Ishengero rimwe gusa, ni Umubiri wo mw'ibangawa Yesu Kristo. Murivukiramwo kubwo gutoranywa. Ni ivy'ukuri. « Abo Data yampaye bose bazoza kuri jewe. Nta muntu n'umweyoshobora kuza kuri jewe kiretse Data amukwegereye, kandi abo yampaye bosebazoza kuri jewe.» Ng'ivyo ivyo avuga. Ni ivyo. Murabibona? Umwagaziw'intama ari aho atuvugira kugeza uwa nyuma yinjiye. Inkengeri iravuga mazeaca asohoka kugira atware ivyiwe, aca ajana abiwe, Ishengero ryiwe, mu nzuyiwe hanyuma agaca aterera umwansi wiwe mu kiyaga caka umuriro kandiabiwe bose bazojana na we, maze bibe biheze. Hanyuma duca twinjira muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi.

106 Mu ntambwe ya mbere uwo agendera kw'ifarasi aguma ari wa wundi!Ntaco womwagirije; mu ntambwe ya kabiri, igihe yarushirizaho kwishira hejuru,Bibiliya ivuga ko yahawe igitsibo kandi baca bambika igitsibo umuntu, umuntuadasanzwe. Murabona uko kwambikwa igitsibo. Ariko Bibiliya, Yo, ntiyamwise Papa. Bibiliya yamwise umuvugishwa w'ikinyoma. Kubera iki?Birakwiye ko aba umuvugishwa w'ikinyoma kubera ko biciye mu mpwemuyiwe ya Antikristo yigisha inyigisho ya Antikristo irwanya Ijambo ry'inkomoko. Mwigishije ibintu bitandukanye n'Ijambo ry'inkomoko, ni Antikristo, arikoIjambo ni ryo Mana.

107 Mu nyuma y'ivyo turabona ko yambitswe igitsibo. Ico gihe yari umuntuasanzwe ata co womwagiriza kandi ata co amaze. Ariko hanyuma, mu Nama y'iNikaya, Constantin yamuhaye uburenganzira bwose. None yaciye akora iki? Nuko, Satani yamuhaye intebe yiwe n'ububasha bwiwe. Ni vyo Bibiliyayatubwiye igihe twabisesangura.218. Ikintu gikurikira tubona n'uko umurwanizi agenzura politike yose yomuri kahise, iy'ubu n'iyizoza. Ivyo tubisanga muri Matayo 4 : 9. Kanditurabona ubu ko Satani yari amaze kwifatira politike ariko akagerageza kwifatiran'ishengero. Amanukanywe no kurizimiza. Afata wa muntu adasanzwe mazeakamwinjiza mw'idini maze akamugira icariho ca Kristo, ni ukuvugaKristo. Kristo akora mu gishingo c'Imana. Murabona, uwo muntu ni icarihocashizwe mu gishingo c'Imana. Ni neza na neza co kimwe : aja mu gishingoc'Imana, ategerezwa kuba icariho ca Kristo.

108 Yagize iki mu gukora ivyo? Satani yafashe ububasha bwa politike (ubwoyari asanzwe afise) n'ubushobozi bw'ivy'ugusenga (ubwo yari yambikiweigitsibo), abushira hamwe maze amwambika ikindi gitsibo c'i kuzimu.Baguharira ivyaha iyo utanze amahera akwiye, bakagukurayo. Gurtyo ubu niicariho co mw'Ijuru no mw'ipurugatori (namba mushaka kumwita gurtyo). Ivyontibibaho muri Bibiliya; ariko vyari bikwiye ko akora ikintu. Bibiliya ivuga kocosohotse kiva mu gisumanyenzi kandi kigasubirayo nk'uku nyene. Ariko kw'isi ni umwami!

109 Hanyuma yaciye ahabwa iki? Yabanje guhabwa umuheto, arikontiyahabwa imyampi. Ubu afise inkota ikomeye mu minwe. Ubu arashoboragukora ikintu. Nuko avuye kw'ifarasi yiwe y'igitare; ifarasi y'igitare ntisubiyekuboneka. None aca yurira iki? Ifarasi ibenjutse, ifarasi isa n'amaraso. Iyo, arikoarayigenderako vyukuri. Nta nkeka. Ahabwa ububasha bwinshi n'inkota ndendekugira yice. Ariko agendera kw'ifarasi yiwe itukura y'amaraso. Mu ca kabiri kimatanije ca Gitabo camenywe ejo ku mugoroba,twarabonye ko yari yakuye amahoro mw'isi kandi atuma abantu bicana. Cagitabo kivuga ku bantu bishwe bahorwa Kristo c'ishengero Katolika ry'i Romaubwaco cerekana ko bishe imiliyoni mirongo itandatu n'umunani z'abaporotikuva mu gihe c'umweranda Augustin wo muri Hippone gushika mu 1580. Imiliyoni mirongo itandatu n'umunani! Murashobora gusoma ivyo mu gitabocitwa Glorious reform canditswe na Smucker. Imiliyoni mirongo itandatun'umunani zaharuwe mu gitabo cabo bwite kivuga ku bishwe bahorwa Kristo...

110 Ni muri ico gihe aho umwe muri abo biyita aberanda yaronseuguhishurirwa kuvuga ko abadahuje n'ishengero ry'i Roma bategerewa kwicwank'abahemu. N'ivyo vyahinduye intumbero yabo. Oh, nuko aca atangura gusesaamaraso! Aca asimbira kw'ifarasi yiwe y'agafyiri maze aca atangura kugenda. Ico gihe ni ho ubushobozi bwiwe buhambaye bwaboneka. Yaciye yigiraicariho c'Ijuru kandi asengwa nk'imana. Ishengero rimaze gufatana na Letayaciye agirwa segaba w'isi yose. Agirwa segaba kw'isi maze ahabwa igitsibo.Yari afise ububasha bwo gukura imitima mw'ipurugatori akoresheje ibisabisho.Yari ameze neza na neza nk'Imana kw'isi; yari yashizwe mu gishingo c'Imana.

111 Hamwe n'ivyo, yari afise ububasha buhambaye, ubwo kwica uwo ari wewese ateye kubiri n'amategeko yiwe. Ni nde none yari kwubahukakumuhinyuza? Ishengero nta co rishobora kuvuga, ni we mutwe waryo. Leta ntaco ishobora kuvuga, ni we mutwe wayo. Ni co gituma hariho amamiliyoniazopfa. Bene Data, utwo dushengero twose, twarasambuwe abanyeshengero nabo baricwa, bagaburirwa intambwe n'ibindi. Ca gisato ari co Uburoma kimuha intebe y'ubwami n'ububsaha vyaco. Ni Bibiliya ibivuga! Gurtyo rero aca yuriraifarasi yiwe y'akagajo ( ni ikigereranyo), asiribanga amaraso y'abantu gushikaaho we nyene atukurira vyukuri. Ubu Yohana amubona ari kw'ifarasi y'agafyiri. Yahinduye ikindi kintu.Birakwiye ko ndabibabwira neza na neza nk'uko ivyo nabihawe. Kandi nambaivyo nahawe bidahuje n'ibindi Vyanditswe, si Imana izoba yabimpaye.Murabona, Ivyanditswe vyategerezwa kuba gurtyo kuri umwe umwe; ni ikintukimwe ciza cikwije. Icanditswe gitegerezwa guhura n'Icanditswe kandiibintu vyose binyuranye n'Ivyanditswe... Hamwe uwo Mumalayika w'Umwamiyombwira ikintu kitari mu Vyanditswe, sinocizera.

112 Umusi umwe nari i Chicago ndi kumwe n'abavugabutumwa amajanan'amajana. Hari uwo ngaha yoba yari muri ico gikorane, muri ico gikorane c'iChicago? Naravuze nti : « Aho rero, mwavuganye mwese hagati yanyu mwibazako mumfashe mw'ikosa ku kintu kanaka.» Twari tumeze nk'uko turi ubu muriiyi nzu. Hanyuma ndavuga nti : « Ni iki munyagiriza? Haheze imisi itatuMpwemu Yera anyeretse ikibanza umwe umwe wese muri mwebwe azobamwohanyuma arambwira ko tutazoba turi muri ya nzu yindi. » Nimubaze Carl aringaha, ko atari ko biri. Aho hari kandi Hank n'abandi bose. Ni ivy'ukuri! Kandimwari aho mwese kugira ngo mumwumve. Ndavuga nti : « Ntimwemera inyigisho nigisha, ni co kitagenda neza.»Nuko ndasaba ubu ko muri mwebwe hagira uwuzana ngaha Bibiliya yiwe,ahagarare imbere yanje maze yerekane ingene ivyo nigisha ari ikinyoma. »Ntimwari kuraba ingene abo bantu bari bacereje. Nca mvuga nti : «Mufise ikinone? Namba muzi ko mutoshobora kurwanya Ijambo, nimumpe rero amahoro!»

113 « Mwebwe, bigisha mu vya tewolojiya n'abandi muvuga ingene vyogenda,mwiyita Mwigisha muri iki, Mwigisha muri kiriya... Sinize, sinigeze nca nambamw'iseminari canke mw'ishure. Ariko fata Bibiliya zanyu, muze hano i ruhandeyanje mwerekane ikinyoma mu vyo nigisha ku vyerekeye uruvyaro rw'inzoka,Umubatizo mw'Izina rya Yesu canke ikindi ico ari co cose.» Nta n'uwakuyeko n'umunwa. Ivyo mwese murabizi! Wari umugwi uri mugacerere mutigeze kubona. Ntimuzi ingene basemerera bangwanya! Ubu nimwumve ibi. Sinibaza koari vyiza guharira n'abantu. Ariko iyo ari bo babibakwegeyemwo... Sinarikwigera njayo, ariko Mpwemu Yera arambwira ati : « Genda, nzobana na we. »

114 Imisi itatu canke ine imbere y'ivyo nari nababwiye... (mwese ni ho mwarimuri kandi mwarumvise umushingantahe Carlson; Tommy Hicks n'abandi,abari bicaye aho bose). Kandi imisi itatu imbere y'aho naragiye mazendababwira nti : «Mutegerezwa guhindura inzu. »232. Kuri uyo mugoroba hariho imituragaro kandi nari mfise igikorane.Umwami arambarira ati : « Genda kuri rirya dirisha, rirya rigira gatatu.» Ncangendayo, mpagarara aho maze nitegereza hanze. Aravuga ati : «Bagutezeumutego. Baraja kugusaba ko wovugana n'Ishirahamwe ry'Abapasitori baChicago Nkuru. Baguteze umutego ku nyigisho wigisha yo mw'Ijambo ryanje.Bategerezwa kuzohindura inzu. Ntibazoshobora gukota inzu yategekanijwekandi bazotegerezwa kugenda mu nzu isa uku, izoba irimwo ikimenyetso.»

115 Nca ndahagarara maze nca mbona jewe nyene ndi mu mfuruka. Ncandahindukira maze mbona abo bantu bose. Mbona abo bavugabutumwa bosebicaye aho, nk'uko bari bari. Ndabihweza maze ndibaza nti : « Aho rero,Mwami, namba baja gukora ivyo, vyoba vyiza ntagiyeyo. Sinshaka kubababazacanke gukora ico ari co cose kitari ico! » Aravuga ati : «Genda, nzoba ndi kumwe na we.» Ni vyo yakoze. Niivy'ukuri. Ngaha hariho ivyabona vyari vyicaye aho kandi bibizi. Murafisen'amakasete. Ni ko biri, murabona.

116 Ubu raba ibanga ry'iki kimwe mu bimatanije ca Gitabo. Yarimpishuriyemuri aka gatondo butaraca. Nca ndihutira gufata Ivyanditswe no kubisesangura.Ni uko. Gushika ubu bitatu vyo muri bimwe bimatanije ca Gitabo ndamazekubihishurirwa mu buryo budasanzwe. Ubu rero ng'iri ibanga ry'ifarasiy'agafyiri nk'uko narihishuriwe. Yatanguye kugendera kuri iyo farasi muri ca gihe c'umwiza. Ni co ifarasiy'agafyiri yasigura : igihe c'umwiza, kuko cari igihe co mu gicugu kubizera b'ukuri bari basigaye. Ihweze ico gihe c'ishengero, ico gihec'ishengero kiri hagati na hagati, ico gihe c'umwiza c'ishengero. Umvirize icoavuga, ati : « Ufise inkomezi nke.» Hari mu gicugu ku wizera nyakuri.

117 Ni murabe ibi. Mu buryo bugaragara ivyizigiro vyose vyari vyakuwemw'Ishengero ry'ukuri kuko uwo muntu yagenzura ishengero na Letavyose hamwe. Bari gukora iki? Murabona, Katolika yari yigaruriye ishengerona Leta vyose hamwe, kandi abari bateye kubiri na Katolika bose barishwe. Nico gituma yagendera kw'ifarasi y'agafyiri. Mufatire ku bikorwa vy'umwizayakoze muca mutahura. Namba muzi inkuru za kahise, nimuzirikane ivyo bintu.Mbere ntimunakeneye kuzimenya kugira ngo mumenye ivyo. Ubu nimwihweze ibi. Ivyizigiro vyose vyari vyaheze. Yari ifarasi yiwey'agafyiri. Igihe yagendera kw'ifarasi yiwe y'igitare : Bwari ubugunge, ubuyahawe ububasha bwo gukuraho amahoro : kwabaye ugutikizwakw'amamiliyoni y'abantu. Ni vyo yari agiye gukora igihe yakwiragira isi yoseari kw'ifarasi yiwe y'akagajo. Kandi ni vyo agikora n'ubu. Murabitahura? Arikong'uyo ariko aragendera kw'ifarasi yiwe y'agafyiri. Igihe c'umwiza cabaye ca gihe,inyuma gato y'aho ishengero ryari rimazegushingwa kandi rimaze gukomera, ryaciye rinyoha ibindi vyose kandi ivyovyamaze imyaka amajana, imyaka amajana n'amajana nk'uko umusomyi uwoari we wese abizi. Ng'iyo ya farasi y'agafyiri yerekana igihe c'umwiza.

118 Muri ico gihe, ivyizigiro vyose vyari vyarangiye, nta vyizigiro vyaribikiriho na mba ku bizera bari ku rushi, vyose vyagaragara nk'umwijima.Ni co gituma kigereranywa n'ifarasi y'agafyiri. Afise umunzane wiwe mu minwe maze yasemerera avuga ati : «Ingeroimwe y'ingano n'idenariyo - idenariyo, n'ingero zitatu za sayiri n'idenariyo -idenariyo!» Mu bintu bisanzwe ingano na sayiri ni vyo vya nkenerwa canemu buzima. Ni vyo bakuramwo umutsima n'ibindi bintu. Ariko murabonayarabigurisha. Ico ivyo bisigura, n'uko yarihisha abiwe kubw'ubwo bwoko bw'ubuzimayabizigiza. Ico gihe ni ho yaca atangura kurihisha ivyo gusabira abantu. N'unomusi baracabikora bakoresheje amanevene. Kuko we yakora iki? Yigaruriraamatungo y'isi igihe umunzane wagera ingero imwe y'ingano kw'idenariyoidenariyo, n'ingero zitatu za sayiri kw'idenariyo - idenariyo. Uwugendera kw'ifarasi y'agafyiri abiwe yabanyaga amafaranga yabo; nigurtyo Bibiliya yabuye ko azokwigungirako amatungo yose y'isi. Nk'ukotwabivuze ejo ku mugoroba ku vyerekeye Uburusiya n'ibindi nk'ivyo; bafataamafaranga yose maze bakanyaga abantu ivyo bafise vyose. Raba aho tugeze.

119 Ni murabe neza ibi. Murabona ahabwa amafaranga ishengero rironka?Nimwigire kure y'ivyo bintu. Kwubaka idini,ikintu gikomeye giciyeamamiliyoni menshi, murabona nyina w'ivyo vyose uwo ari we? Urakoze, Mwami. Oh, bene Data, ndanezerewe cane! Ego, ntagukekeranya. Ni uko! Ni ubuntu bwiwe nta kindi. Ni ivy'ukuri, ni mu gicugu.Ubu ivyo murabitahura? Kandi aha arihisha uburyo bwo kubaho (ni sayiri,n'ibindi) busanzwe gusa. Ntivyari ivyo mu buryo bw'impwemu. Yari sayiri :Umutsima wa sayiri n'umutsima w'ingano. Yarihisha uburyo bwo kubahoyaba abiwe; yarihisha ibisabisho umupadiri yagira kugira ngo akure abantu mw'ipurugatori. Bategerezwa kuriha (ivyo ndabikura mu nkuru zakahise), amanevene, namba ntihenze; ndibaza ko mwese ivyo mubizi. Ndibazako inevene ari ikintu mutegerezwa gukora, murazi, ubwoko bw'ipenetensiya.Ivyo umuntu ategerezwa kubiriha. Ubutunzi bw'isi babuzanira uwugenderakw'ifarasi (ishengero ubwaryo), kandi aguma kw'ifarasi yiwe. Oh, ntagukekeranya ko ari yo ariko! Nta nkeka! Aguma kw'ifarasi yiwe.

120 Ehe rero umugabane mwiza. Nimurabe ibi : «Ariko amavuta na vinontugire ico ubikorako.» Hasigaye amasigarira makeya gusa, bene Data! Ntugireico ubikorako! Kandi amavuta agereranya Mpwemu, Mpwemu Yera. Namba mubishaka ngira ndabadondagurire imirongo imwe imwe yo muVyanditswe. Mu Balewi 8 : 12, Aroni, imbere yo kwinjira, yategerezwa gusigwaamavuta, murabizi. Muri Zekariya 4 : 2, amavuta atemba mu miheha kandihanditswe ngo : « Aya ni Mpwemu wanje», amavuta. Hariho kandi ikindi kintumuri Matayo 25 : 1 - 4. Hariho inkumi z'ibijuju (25 : 3); za nkumi z'ibijuju ntamavuta zari zifise, ntizari zifise Mpwemu. Muri Matayo 25 : 4, inkumiz'ubwenge zari zifise amavuta mu matara yazo, zari zuzuye Mpwemu. Amavutani ikigereranyo ca Mpwemu. Mbega ubwiza! Ivyo murabitahura ? Ni uko.

121 Gurtyo, amavuta agereranya Mpwemu, vino nayo ikagereranyagusisimuka gutewe no guhishurirwa. Oh, ndashobora kwiterera hejurukubw'umunezero muri ino nzu! Ni igitangaza kubona ntakanguye n'ababanyibose igihe Umwami yabinyereka. Ni ugusisimuka kuvuye mu guhishurirwa,murabona. Muri Bibiliya, amavuta na vino vyama biri hamwe. Naciyendabisuzuma nca nsanga hariho imirongo myinshi ijanye na vyo, aho vinon'amavuta vyama biri kumwe.

122 Iyo Ukuri kw'Ijambo ry'Imana ryasezeranywe guhishuriwe vyukuriabera bayo buzuye amavuta, bose barasisimuka. Vino ni ugusisimuka. Oo,icubahiro kibe ic'Imana! Ndavyiyumvamwo muri aka kanya! Ni ugusisimukakujana n'akaruru k'umunezero. Igihe ivyo bishitse, ibiba kuri bo bisa n'ibiba kumuntu asanzwe yanyoye vino kuko igihe uguhishurirwa kw'ukuri kw'Imanagutanzwe, uwizera w'ukuri akuzura amavuta maze uguhishurirwa kukabakwatanzwe, ugusisimuka kugenda kwiyongera ku buryo kumutuma yifatank'uwaborewe. Ni ivy'ukuri! Mbega ubwiza! Ng'ivyo kumbure ibirikobirabashikira ubu. Ni ivy'ukuri. Ivyo bibatuma mwifata ukundi kuntu.

123 Namba mushaka gusoma umurongo wo mu Vyanditswe kur'ivyo, musome Ivyakozwe n'intumwa 2. Bari baronse isezerano bari barahawe. Igihe Isezeranorya Mpwemu Yera ryasukwa kuri bo kandi rikemezwa bihuje n'Ivyanditswe... Vyari kugenda gute iyo baja kuvuga bati : «Turindire! Yatubwiye ngoturindirire aha hejuru kugira ngo duhabwe amabango y'igikorwa yacu. » mazeimisi umunani iheze Mariko akabwira Matayo ati : «Ni uko, mwene Data, ngirandakubwire ikintu kimwe. Ndibaza ko twamaze kumuhabwa, ntuvyibaza?Twamaze kumuhabwa. Kubera iki tuguma twiteze amabango y'igikorwa yacu?Twategerezwa kwisohokera maze tukaja kuvuga ubutumwa! Yari yatubwiyengo tuze hano hejuru maze turindire. None raba imisi umunani iraheze turihano! »« Reka twongere turindire uwundi musi umwe!» Imisi icenda iraheze. Ni uko Mariko arahaguruka, canke kumbure uwundimuntu, Yohana, maze aravuga ati : «Ndibaza ko tutategerezwa kurindira igihekirekire. Ndibaza ko twamuhawe, si vyo? »

124 Ndashobora kubona Simoni (ni we yari afise imfunguzo murabizi). Ati :«Rindira umunota umwe bene Data! Ivyanditswe hari ico bivuga kuri ico kintu.Ntiyigeze atubwira imisi dutegerezwa kurindira! Yatubwiye ati : Gumayogushika aho... gumayo gushika aho ivyo Yoweli yavugishijwe bishika, gushikaaho ivyavugishijwe na Yesaya vyemezwa... azovuganira n'ubu bwoko mukanwa katumvikana no mu rurimi rundi... Yesaya 28 : 11. Kandi ni koguhemburwa. Ni iyo vino yasutswe.» Vino isigura iki muri Bibiliya? Ni uguhemburwa. Ni uguhemburwakuvuye mu nyonga z'Umwami! Ariko birakwiye ko biba bihujen'Ivyanditswe! Gurtyo, murabona ko vino isigura ugusisimuka gutewe n'uguhishurirwakandi igihe Mpwemu Yera yamanuka, bakabona umuriro w'Imanaubamanukira, oh, bene Data: Ivyo vyaciye bitangura kubasisimura mazebarasisimuka gushika aho abantu biyumviriye ko koko bari baborewe; ariko baribasisimuwe n'uguhishurirwa.

125 Ni uko! Uguhishurirwa kwemejwe n'Imana kwababereye ukuri mazebarakunezererewa rwose! Imana yari yaragusezeranye. Ivyo barabihishuriwekandi baravyemezwa. Amen! Hariho umugabo yari ahagaze ngaho mazearavuga ati : « Ivyo mubona aha, ni vya bindi » (Ivyakozwe n'intumwa 2 : 16).Kandi ivyo vyemejwe n'ico kimenyetso nyene. Ugusisimuka gutewen'uguhishurirwa, ubu rero bari baguhawe vyukuri. Ni co gituma Petero yashobora kuvuga ati : « Mwebwe, bagabo b'iYudaya, na mwebwe muba i Yerusalemu, nimunyumvirize. Mwebwe mwese,bigisha ba Tewolojiya, umve ico ngira ndababwire. » Oh, Mbega ukuntu ari vyiza cane! Vyari vyahishuwe. Uko guhishurirwa kwarabasisimuye caneigihe babona amasezerano ashikijwe ! Ni ko vyama biri. Igihe cose !

126 Nabonye ko Imana yari yarasezeranye gukora ikintu kanaka muri kinogihe, igihe yasezerana

kuzomena ibimatanije ca Gitabo mu gihe ca nyuma.Ntimushobora kumenya umunezero n'ubwiza nagize igihe namubona ahishuraibi ; igihe nari mpagaze aho nihweza ugushitswa kw'ivyo bintu, nkamenya konzotuma umwe umwe wese yimenyera yuko ata co Imana yigeze kuvugakitashitse nk'uko yakivuze. Ni co gituma mubona umunezero uri mu mutimawanje iyo mbonye ugushitswa kw'Isezerano ryayo ryerekeye kino gihe canyuma nk'uko yasezeranye kubikora, maze nkaribona rishitswa kandi rishitse vyukuri.

127 Iyo mwumvise mvuga nti : «Ndumva nujujwe !» Ni kubera ko haba harikoharaba ibi : ugusisimuka kugenda kwiyongera ku buryo mpakwa guhagarikakuvuga. Murazi, ni ugusisimuka kuva mu guhishuririrwa. Ni uko. Barasisimuwe cane n'uguhishuririrwa ku buryo bashingiye intaheIsezerano. Oh, bene Data ! Igihe Imana yabahishurira Isezerano ryayo,umunezero w'ugusisimuka warabarengeye gushika aho abantu bavuze bati : «Buzuye igisama ! » Kandi ntiyarihishuye gusa, ariko yaranarishingiye intahe. Nivyo nama mvuga nti : « Umuntu arashobora kuvuga ico ari co cose (kandi yamaagomba kuvuga ivyo ari vyo vyose) ariko iyo Imana ije maze ikemeza… »

128 Bibiliya ivuga iti : « Namba muri mwebwe hari umuntu yiyumvira ko ariuw'impwemu canke uwuvugishwa, iyo ivyo avuze bidashitse, aho rerontimumwumvire. Ntimukamutinye na gato. Ntimutinye na mba uwo muntu.Ariko iyo ivyo avuze bishitse, aba ari Jewe ! Mba ndi mur'ivyo. Ivyo bigaragazako ari Jewe.» Ivyanditswe vyemeza ko Mesiya azokora ivyo bintu kandi igihe yari ahoariko akora neza na neza ivyo Ivyanditswe vyavuze, wa Musamariyakazi yaciyeavuga ati : « Ni We ! Nimuze murabe uwo muntu. Si vyo neza na nezaIvyanditswe bivuga ko bizoshika ?» Murabibona ?

129 Yaciye asisimurwa n'uguhishuririrwa. Mbega si ivy'ukuri ? Yaciyeasisimurwa n'uguhishuririrwa igihe ukwo kwashitswa. Murabibona ? «Ni kobiri. Turazi ko Mesiya ategerezwa kuza kandi ko yitwa Kristo. Ni yaza azokoraivyo bintu.» Ivyo yari yabonye. Aravuga ati : « Ni jewe ! » Ni uko ugusisimurwa guca kuratangura, mazeuwo mugore aca aja mu gisagara asemerera kubw'umunezero. Aca asigaumubindi wiwe maze aca agenda kubwira abantu ati : « Ingo murabe ! »

130 Iyo muba mwari muzi imigenzo yo mu buseruko, mwari guca mumenyako yakoze ikintu atategerezwa gukora. Vyukuri. Nta muntu yumviriza umugoreameze nk'uwo. Koko. Murabona, aba azwi ; kandi iyo amanutse mw'ibarabaramaze agatangura gukora nk'uko, umuntu wo mw'ibarabara ntiyitaho ivyoavuga. Ariko bene Data ! yari afise Ijambo ry'Ubugingo. Yari yasisimutse.Vyari bimeze nk'igihe bogomba kuzimya umuriro hari umuyaga mwinshi. Oh,hari ikintu caguma catsa uwo muriro. Yari yiteguye kandi nta muntu yarigushobora kubimukuramwo. Wari umuriro w'Imana wariko uraka ! Nta nkeka.

131 Yaravuga ati : « Namba mutizera ko ari ko biri, nimuze gusa aharikoharabera igikorane maze ndabereke. » Ego, nta gukekeranya. Ni uko abantu bacabagendayo. Ntiyasubiyemwo ivyo yari yamaze gukora ariko baciye bamenya kohari ikintu cari cabaye baca baramwizera. Nta gukekeranya. Baciye bamwizera.Kuko «ukwizera kuva mu vyo twumva, ivyo twumva mw'Isezerano ry'Imanaari ryo Ijambo ry'Imana. » Ni uko ihweze ukuntu ryagaragaye ko ari ukuri.Kubera ko ari urubuto, kandi iyo rubibwe ruramera, ruzokwama gusa ivyorivuga. Iyo bitagenze uko ntiruba ari urubuto rw'Imana, canke naho umubivyintaba yamenye ingene barubiba. Ntaba yarungitswe n'Imana kugira ngo abibeurwo rubuto. Birashoboka ko yoba yarubivye ku rutare canke ikintu nk'ico. Iyoumubivyi abivye urubuto, Imana izorwitwararika ni rwagwa ahantu heza. Oh,bene Data !

132 Havugwa iki kuri uyo agendera kw'ifarasi y'agafyiri ? «Vino n'amavutantugire ico ubikorako. Ntukore kuri vino yanje no ku mavuta yanje ! Simfisebenshi iyo kw'isi, ariko haracariyo bakeya. Urashobora kuja kugera ubwo buryobwo kubaho ugomba birakuraba. Ivyo uzovyishura ; ariko niwahura n'iyo Vinon'ayo mavuta, ntubikoreko !» Oh, bene Data! Mu yindi mvugo : « Ni wabona bamwe bamwe mu bagize ubusho bwanjebuto kandi buzuye amavuta yanje na vino yanje, vino n'amavuta vyomw'Ijambo ritavanze, maze ukitegurira kubica (kuko ari vyo ukora !),ntubagoberere kuvuga « Mwaramutse, Mariya ! » canke ikindi kintu cankekuvuga za nemera zawe. Ntubikoreko. Barazi iyo baja, kuko barobanujweamavuta yanje kandi bamaze kurobanuzwa amavuta yanje bafise vinoy'umunezero kuko bazi Ijambo nasezeranye ngo : nzobazura. Ntugire ikibiubikorako. Ntugerageze kubata mu madidane, uhagarare kure yabo !»

133 Irashingira intahe Ijambo ryayo kandi ikarizana. Bari bazi ko bazozuka.Oh, ese ukuntu ndabikunda ! Bazozuka ! Ehe ifarasi y'agafyiri iraserutse mugihe c'umwiza. Ifarasi y'igitare yararenganye kandi mwarabonye ivyoyakoze. Ng'iyi ifarasi y'akagajo kandi twarabonye neza ivyo yakoze. Ehe none raba ifarasi y'agafyiri ; muguma mubona wa wundi agenderakw'ifarasi agendagenda muri vya bihe vy'ishengero. Turabona ko yageze kandi akarihisha. Ni koko, ingano ni ikigereranyoc'ubuzima busanzwe : ni zo barya. Ariko ikigereranyo ca Mpwemu ni amavuta,ic'umunezero na co ni vino. Ni ubuzima bwo mu buryo bw'impwemu,ntukoreko ! Ntihagire ico ubikorako. Mu yindi mvugo : « Roma, ntubikoreko !Ni ivyo niyeguriye ! ni ivyanje ! »

134 Ndifuza kandi kubereka ikintu kimwe. Si kimwe muri vya binyabugingobine cavuze giti : « Ntukore ku mavuta na vino ! Mwabiravye neza ? Vyabinyabugingo bine vyaravuze, ariko raba ibi. Dusome umurongo umwe gusa :« Ingero imwe y'ingano n'idenariyo - idenariyo, n'ingero zitatu za sayirin'idenariyo - idenariyo : arikw'amavuta na vino ntugire ic'ubikorako. » Ubu nimwumve : « Numva hagati y'ivyo binyabugingo bine

nk'ijwirivuga… » Yari nde ? Wa Mwagazi w'Intama ! Ntivyari ivyo binyabugingobine. Wa Mwagazi w'Intama ni We yavuze. Kubera iki ? Agiye kuronderaabiwe, abamwegukira. Amen ! « Arikw'amavuta ntugire ico uyakorako ! »Ntuyakoreko ! Si vya binyabugingo bine ariko wa Mwagazi w'ntama ni Weyavuze ivyo. Oh, bene Data ! Ni wa Mwagazi yabivuze si vya binyabugingobindi. Wa Mwagazi w'Intama ni We nyene yabivuze. Igihe ivyo binyabugingobine vyavuga biti : « Ngwino urabe, » baciye bagenda kuraba, ariko ni Weyaciye avuga ati : « Ingero imwe y'ingano n'idenariyo - idenariyo, n'ingerozitatu za sayiri n'idenariyo - idenariyo, » kandi ni We yongeye gusemererahagati yavyo, ati : « ariko vino n'amavuta ntugire ic'ubikorako ! » Ni ivy'ukuri.Oh, bene Data ! Ni wumve neza ibi : « Ntugire ic'ubikorako atari uko umusiumwe uzobihanirwa ! » (Oh, isaha zitatu n'igice zamaze kugera !)

135 Ng'ivyo. Aho ngeza gutahura no kumenya, kandi hamwe n'ivyo nizeravyose mu mutima wanje, iyo ni yo nsiguro nyakuri y'ivyo bintu mu bimatanijeca Gitabo. Nifuza kubishimira Imana kandi novuga ibi, nti : Ni kwoguhishurirwa yampaye. Yampaye ukwo guhishurirwa. Kandi vyukurindizera ko turi mu misi ya nyuma. Ejo ku kagoroba tuzoraba uwugendera kw'ifarasi ibenjutse. Kandi rerosinzi, sinzi… Imana irazi ko ari ukuri ko ata co ndabiziko. Oya. Nararavye muvyo nanditse vya kera ivyo nari navyanditse kubw'ubutumwa nari navugiyengaha nyene haraheze imyaka itari mike. Nashaka kuraba ivyo nari navuze icogihe (Nari narabutswe mwene Data Grim Snelling haraheze akanya; nkumbure ko ubu yasohotse). Igihe nasesa Ivyahishuriwe Yohana muri ico gihe, narinafatiye icarimwe abo bane bagendera kw'ifarasi.

136 Nari navuze rero nti : « Ifarasi y'igitare, ata gukekeranya ni Ishengero ryambere.» Ivyo nari nabisomye mu gitabo c'abaventisi no mu bindi. Nari navuzenti : «Ni ishengero rya mbere ririko rigenda rinesha.» Hanyuma haje ifarasi y'akagajo. Nari navuze nti : « Iyo farasi ishoborakuba isigura ko habaye imivurungano mu rugendo, intambara nyinshi n'ibindibintu nk'ivyo.» Nari navuze nti : «Birashoboka ko hazoba intambaraz'urutavanako.» Ni ko bizoba.

137 Hanyuma ndavuga nti : « Ifarasi y'agafyiri isigura ko kumbure hazobaigihe c'umwiza kw'isi igihe inyenyeri zizohagarika kwaka, igihe izuba n'ukwezibitazoba bigitanga umuco wavyo. » Nari navuze nti : « Birashobora kuba ari cobisigura.» Nari navuze kandi nti : « Ifarasi y'ibara ribenjutse isigura ko hazobaindwara nyinshi.» Muri aka kanya sinzi ico ivyo bisigura, ariko yari insobanuroyanje y'ico gihe kandi nari navyerekanye uko ndabitahura kwose ndi ahahavugirwa Ubutumwa. Ariko nimwumvirize neza. Mbega ntitunezerewe nokubona iki gihe cashitse? Igihe mbonye ivyo bintu vyose vyegereye nca nibazanti : Amahanga ariko arasenyagurika, Isirayeli irikanguye : Ni ibimenyetso vyavuzwe n'abavugishwa n'Imana Imisi y'abanyamahanga iraharuye, Yuzuyemwo ubwoba Oh, yemwe abashwiragijwe Nimugaruke mu banyu. Umusi wo gucungurwa uri hafi Abantu barandutse imitima kubera ubwoba Nimwuzure Mpwemu, Mutegure amatara yanyu yame yaka. Nimwunamure amaso, ugucungurwa kwanyu kuri hafi Abavugishwa b'ibinyoma barabesha Bagahakana Ukuri kw'Imana Ko Yesu Kristo ari We Mana Yacu. (Muravyizera?) Ariko tuzogendera mu makanda y'intumwa. Kuko umusi wo gucungurwa uri hafi. Abantu barandutse imitima kubera ubwoba. Nimwuzure Mpwemu, Mutegure amatara yanyu yame yaka. Nimwunamure amaso, ugucungurwa kwanyu kuri hafi.

138 Mbega si vyiza cane? Ivyo ndabikunda. Ugucungurwa kuri hafi !Mu gihe c'akagoroba umuco uzokwaka.Inzira ija mu bwiza, nta nkeka muzoyibona.Mu nzira ica mu mazi ni ho hari umuco uno musi :Muhambwe mw'Izina rya Yesu !Yemwe abakiri bato namwe basaza, ihane ivyaha vyanyu vyoseNta nkeka, Mpwemu Yera azinjira muri mwebwe.Umuco wo ku kagoroba waraje :Ni ivy'ukuri ko Imana na Kristo ari UMWE!

139 Ijambo ! Oh, bene Data ! Ni vyiza cane !Vuba wa Mwagazi w'intama azotwara Umugeni wiweKugira ngo abe iruhande yiwe ibihe vyose. Ingabo zose zo mw'Ijuru zizokoranira hamwe.Oh, bizoba bibereye ijisho!Abera bose, bambaye ivyera bitagira agatosi, bazogirana na Yesu umusi mukuru uhoraho.Umwigisha arahamagara ati : « Nimuze mufungure, nimuze mufungure!»Murashobora kunezerererwa ku meza ya Yesu ibihe vyose,Umwe yagaburira amasinzi, agahindura amazi vino,Ubu ariko ahamagara uwushonje ati : « Ngwino ufungure! »Oh, Umwigisha arahamagara ati : « Ngwino ufungure!»(Fungura Ijambo!)Murashobora kunezerererwa ku meza ya Yesu ibihe vyose,Umwe yagaburiye amasinzi, Agahindura amazi vino,Ubu ariko arahamagara uwushonje ati : « Ngwino ufungure! »

140 Oh, bene Data! murashonje? Hahezagirwe aba... Muramukunda? Nambamumukunda, muvuge muti : «Ndamukunda! Ubu twese duhaguruke, dushireamaboko hejuru maze tugaragaze amashimwe yacu. » Ndamukunda,ndamukunda. Kuko ari We yabanje kunkunda. Nuko. Ubu rero twese ubuhamwe :Ndamukunda, NdamukundaKuko ari We yabanje kunkunda.

Akandonkera agakiza

Ku giti i Karuvariyo.

141 [Mwene Data umwe avuze mu ndimi. Mwene Data Branhama aciye abanza guhagarika. -Umw.] Ni mube abubaha cane. Turafise umusobanuzi hano, mwene Data Higgbothman. Ntavyo nzi nimba ari hano kur'uyu mugoroba canke nimba atariho ari. Oya...Turabe ico Itubwiye. Hinge gato. Hano...[Mushiki wacu umwe aratanze insobanuro.] Murashobora kumwumva. Umwami ahimbazwe. Ukwizera kwanje kura-

kuradugijwe hejuru mu Mana. Murayikunda kur'uyu mugoroba n'imitima yanyu yose? [Ikoraniro rivuze riti: “Amen.” -Umw.] Oh, ni muyihimbaze, maze muvuge muti: “Urakoze Mwami, ese ukuntu tugukenguruka. [Ikoraniro riciye rininahaza Imana.] Mbega ukuntu tukuninahaza n'imitima yacu yose Mwami. Ubwiza ku Mana. Ni muyihimbaze yemwe bantu mwese, Imana ibane namwe. [Ikoraniro ribandanije rihimbarwa ryongera rininahaza Imana. -Umw.] [Mwene Data Neville aciye atanga itangazo. -Umw.]

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7